# Kumenya Umunsi Wawe N'Ubutumwa Bwawo

Jeffersonville, Indiana, USA
26 Mukakaro 1964 Mu Gatondo

1 Mwaramutse,bagenzi. Reka tugume duhahaze akanya gatoya gusa.

Manamukundwa, nkuko turi, muri ubu buzima bwo gucurumba tuduga tumanuka,twahagaritse kw' ubw'ibi bihe bito bigiye gukurikira, nakwo isaha, ukwo vyoba biri kwose, nkuko Wewewabidutegekanirije, kugira tuGuhimbaze twongere tuGuhe icubahiro, twigisheIjambo ryaWe, tuKumenye neza, ni co gituma twakoranye kano gatondo. TuraGushimiye,Mana, kubera bao n'abantu bigavye bongera baritegurira kuza kwumviriza. Ibihen'umwanya tubayemwo ntivyabaraje ishinga, baguma bizeye. None turabaGushimiye.

Mana, turaGushimiye kubw'ubushobozi bwaWe buhambaye bukiza, amasezeranoy'Ijambo ryaWe. Ese ukuntu imitima yacu irurumba igihe tuba twumvise zinontahe! Amarushwa y'uburyo bwose abana b' abantu bacamwo! Wewe, n'ubuntu bwaWen'ubushobozi bwaWe, hamwe n'isezerano ryaWe, Warabakijije. None bari hano,bashinga intahe, batanga ishimwe ku Mana. TuraGushimiye kubw' ivyo.

Noneuyu munsi, reka twumve Ubutumwa ubwo Wadutegekanirije kubwa kino gihe. Mu gihedusoma Ijambo rwaWe, nuduhe insobanuro y'ivyo dusoma. Ubugombe bwaWe abe aribwo buba mu bintu vyose, kuko tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen.

Nimuvyagire.

2 Niiteka kuba hano muri aka gatondo. Ndanezerewekubwanyu mwese. Hamwe na Mwene Data Wood, Mwene Data Roy Roberson, n'abandi beneData benshi, barakoranye ubwizigirwa muri iyi misi ibiri iheze, kugirabashireho ivyuma biregera ubushuhe mw'iyi nyubako, kubera barabonye ukuntumwahacumukuriye kuw'Iyinga uheze. Bari bafise amahera makeya mu bubikobw'ishengero, baciye baja ku kivi barayakoresha kugira bibahe kwiyumva neza,muri ya mahera mutanga mu mashikanwa, kugira mushobore kuba mwicaye mwumvirizaUbutmwa. Harapfutse cane uyu munsi kurusha ukwo vyahora. Rero turashima Imanacane, na mwe bantu turabashimiye, kubwa kano karyo.

Ni umunezero…Mwene Data Roy Borders, yashatsekwigumira hariya inyuma mur'aka gatondo. Nari namusavye azane intebe yiwe kugirayicare hano hamwe n'aba bakozi b'Imana, ariko ntiyashatse kubikora. Nkuko mwesemubizi, mwene Data Borders araduserukira ku rubuga. Rero ndanezerewe kubona ndikumwe na mwene Data Borders hano, n'abakozi b'Imana benshi n'incuti.

3 Hagati mu ndwi na - narageze aho niyumvira, nibwiranti: "Ninamanukayo kuw'Iyinga, nzomenya buri mukozi w'Iman, umuntu wese." Umazekuhagera, uca ucokera mu Butumwa gushik'aho hafi nka vyose uvyibagira, reron'uko vyagenze.

Rerontegerezwa gusubira muri Arizona. Ntegerezwa kuzosubira inyuma kuwa Mbere, iyi ndwi,nsubire i Tucson, kugira njane abana kw'ishure. Inyuma y'ivyo nzoca ngaruka. Umugoreategerezwa kuba ari yo ari hakiri kare, kugira atangure ku…. kwandikisha abana,indwi zibiri imbere yuko ishure ritangura. Hanyuma nanje ubwo, nzoca ngarukahano kubw'akanya gato.

Kandi ubu ni co gihe canje c'uburuhuko. Nk' uko mubizi, navuze ubutumwa kuva muriKigarama, Nzero, Ruhuhuma, Ntwarante, Ndamukiza, Rusama, Ruheshi, hamwe naMukakaro. Ubu naho, Imana Ibishatse, ngo habeho uguhamagarwa kw'umwihariko, ikini co gihe c'uko mfa - mfata akaruhuko, nkaruhuka.Mpora nca nja guhiga. Hanyuma nka….

4 Ubu rerohamwe Umwami yoca ampamagarira ikindi kintu, ivyo nta kamaro biba bigifise. Imanani Yo Yama na ntaryo ari Iya mbere. Kandi nshaka yuko Yo Iba Iya mbere, kandinamwe mushaka yuko Iba Iya mbere. Ariko hatabayeho uguhamagarwa kanaka, hanyumaivyo bikaba ari ubugombe bwaYo, ivyo nivyo nzoca nkora mur'aya mezi abiri ar'imbere,kuja guhiga, kugira nduhuke. Jewe…

Ntimuzi,ab'isi ntibazokwigera bamenya, ivyo ntegerezwa gucamwo. Murabona? Niuruhagarara rur'aho. Ntibitangaje kubona Umwami Yabwiye abigishwa biWe, igiheYariko Agendana na bo, Ati: "Ni muze twiherere mu bugaragwa, turuhukireyogato." Murabona? Ivyo ndabitahura cane buri munsi, na cane cane ukwo iminsiyanje irushaho kwiyongera kw'isi, murabona. Ukwo ndushiriza gusaza, murabibona.Murumva umwungere wacu avuze "amen" kur'ibi na we. We, twebwe, turashoboragutahura yuko tutakiri abana tumaze kurenza imyaka mirongo itanu. Ubu rerodutegerezwa kuronka umwanya muto.

Turashimye cane kubwa zino ntahe duhejeje kwumva. Urya mugora yari kumwe na Muka Woodhariya, ejo hahise, igihe abantu bamwe baza bavuye iy'epfo muri Alabama, mumicungararo yo hiyo, na we yariko aravuga ku bintu bihambaye Umwami Yakoze murica gikorane, abana bato bakize, n'ibindi bintu bitandukanye. Ni ibintu vyinshicane, bagenzi, vyohava bitwara umwanya munini kugira bi - bishobore kuvugwa.

5 Ikindintegerezwa kwibuka kandi yuko…Ndibaza bamwe muri barambwiye yuko mushiki wacuLarson amaze indwi zibiri ari ng'aha hamwe n'akana gato. Ntavyo namenye, gusandibaza bavuze yuko yari umwuzukuru wiwe kumbure, wo guhezagiza, yamukuyeiy'epfo muri Chicago. Uwo mukenyezi yaratubereye

umugwaneza, kanditurabimushimiye. Rero yazanye umwana muto avuye i Chicago, kugiraamuhezagize. Yaretse gato kuguma amusohokana hanze, ndibaza, kubera kugombakumuhezagiza, kubera arajwe ishinga n'uko uyo mwana ashikanirwa Umwami. Reronimba mushiki wacu Larson abishatse, mu gihe ndiko ndavuga, nazane uyo mwanahahano kubw'ico gikorwa co kumuhezagira.

6 None rero, kumbure mu gihe ariko arisuganya, nsha - nshaka kuvuga yukobuno bwabaye Ubutumwa bugoye noba narigeze kugerageza gutegura, kuva mw'ijororiheze. Mur'iyi ndwi, narashobora kwinjira mu cumba, nkagerageza kwicara ng'ahoinyuma yo kwitaba amaterefone n'ibindi, ku - kugira ngerageze kuronka ikintukanaka mu vyiyumviro vyanje kubwa kino gihe. Igihe naba nobaye ngiye, sibananda - ndanashoboye…Mu vyiyumviro hăba hagaragara. Ni ho ejo naja mu nzu yo hasi. Nabonye hari hashushecane, nca nimanukira mu nzu yo hasi, mba ndiyicarirayo. Nariko ndageragezagutora Bibiliya yanje kugira nsome, agatiro kaba karantwaye. Mvyutse ncandanywa amazi, ngerageza kwinyuganza, ndasohoka hanze, ndagendagenda, ncanicara ku ngazi.

Umuntu umwe aca araza antuzukako nakuye ishati, niyicariye ku ngazi,hărihashushe cane. Aca arakiriza ikiganza andamutsa. Sinamenye yuko yari arandamutsa...Umuntu umwe, hari naho yoba yariumuntu umwe wo muri iki gisagara, canke hari naho yoba yari umuntu wo muri ururusengero, yakirije ukuboko andamutsa. Nanje na - nariko mu vyiyumviro vyinshi,na - nabaye nk'uwurabutswe umuduga urenganye. Nanje nca mba bukirize ukuboko.

7 Ejo n'i mugoroba nca ndurira imodoka nja amaja hariyaCharlestown, ndiko ngerageza kuraba ko har'ico noronka. Umwami, vyasa nk'ahohar'ikintu Yashaka kumbwira, ariko na…Satani yaguma agerageza kumpagararaimbere, kugira anzibire sindabikore. Ni ho niyumvira, nti: "None, nimba agizeivyo, ngira mbandanye gusa, ngume ndindiriye, ndodora kumuryango gushika Yuguruye."Rero haheze akanya, nakwo nk'isaha imwe zirenzeko gato mur'aka gatondo, narinavyutse kare cane.

Ejo nari ngwaye bukebuke, ndiko ndagerageza… narinariye ibigori, hanyuma ntivyangwa neza, kuko hări hashushecane, hanyuma na… naguma ngerageza ngo ndaba yuko vyohera. Hanyuma - hanyumarero uno munsi mu gatondo, hari nk' igihe c'isaha zibiri zuzuye, nahavuye ntoraIcandiswe cantangaje. Ico Canditswe nasubiriye ndacitegereza, gica congerakirantangaza. Niho naca ndagikurikirana mu vyanditswe, haheze iminota mikeya mbandahejeje. Rero Umwami Ashobora kuba Adufitiye Ubutumwa kano gatondo, ubwoSatani yagumye agerageza kutwegeza kure.

Woshobora kuzana wa mwana muto ng'aha, ga mushikiwacuLarson? [Mwene Data Branham aciye ahezagira uwo umwana. Agace katavuga kuri bănde. -Umw.] Imana Ibane nabo kandi Ibafashe.

8 Ubu nari maze imisi ndabatevya, ku wamungu haheze,imisi ibiri hamwe ndibaza…canke, ibikorane bibiri migitondo no kumugoroba,kandi ivyo ntivyoborohereza namba. Numvise yuko bi… Bamwe muri mwebwe bategerezwakugira urugendo rurerure, hanyuma bagaheba n' umusi w' ibikorwa, n' ibindi.Kubw' ivyo naho tuzobatuzogenda kuwa Mungu, kuwa mbere w' indwi iza nzocandabamenyesha ivyigikorane co kuwa Mungu, Umwami Abishatse, murantahura,kiretse abaje gukorana bashimye kurara. Murabitahura. Ico, ico, ni.. mwaje muribenshi. Ni bangahe bari bipfuza ko cari kuba ku mugoroba? Reka turabe, ko twarikugira iki gikorane chu mugoroba. ? Ubu naho, abari bipfuza. Yuko tugiraigikorane kuwa Mungu uza, ni muduze amaboko namwe. Ôo bagenzi,baregeranye. Uh! [Umuntu avuze ati: "Barangana,mwene Data." -Umw.] Uvuze ngwiki? Kagirishe incuro zibiri] Uh! [Mwene Data BenBryant avuze ati: "Hanyuma, ku mugoroba, tugire bibiri."] Hinge Ben, hinge! [Mwene Data Branham aciye atwenga. -Umw.]

9 Ubu butumwa narose, ni burebure, muri kano gatondoAriko Si - sinzi neza ingene…kandi yuko nafashije mugutunganya amategekongenderwako y' ishengero! Ariko harya, mwitegereje neza, nari navuze nti:"kiretse ndiko nafata ku ma kanda."Murabitahura, None ibi bariko barabifata kumukanda. None, hari naho twogerageza tukagaruka incuro zibiri ku mugoroba bo no ku w'Iyinga uza. Muri ico gihe, tuzobikora Umwami ni yabigomba. Ni hatagira iyindi nkuru mwumva muri iyi ndwi, murazoca muza ku w'Iyinga uza. Ntibinezera namba kubasaba ngo muze incuro zibiri nk' uko, ariko numva ata gihe gisigaye. Kandi mwibuke, umwanya ubandanya uhita wiruka, iri bakwe ntituzorigumana igihe kirekire. Murabona? Mwibuke, hariho ikintu kigiye gushika: mwo kimwe amategeko azoduhagarika, canke Satani azokwinyegeteza hagati muri mwebwe maze abasanzanzaze. Uko niko vyama bigenda. Murabona? Hari ikintu kigiye gushika, kubw' ivyo duhore dukenguruka igihe cose dukoraniye hamwe.

10 Kubw' ivyo rero, kubw'ategerezwa gusubira inyuma mungo zabo, kuri uyu mugoroba biza kuba nko ku mugoroba w' uwa mungu uheze, narimfise u- ubutumwa bugufi cane. Hanyuma rero mwebwe, Ni mwaba mubushaka kumakanda, kubera iki, Vyukuri tuzobarungikira ikanda nimba mutegerezwa gutahaiwanyu. Canke, oya, ndaza kuvuga Ubutumwa ku mugoroba, Niyo Umwami Yabishaka.

Nari mfise itangazo ndababwira ejo hahise canke-canke hirya y' ejo hahise, ku kintu kanaka, nacanditse ndacibukijwe n' Ikindikintu. Kandi si ica vuba. Ariko hari ubutumwa bubiri simbona neza muri ubwobubiri, bumwe ni "Ibigega Vy'Amazi Bitobaguritse"canke kandi "Kubiba Umuyaga MazeUkimbura Igihuhusi", Ubutumwa nabonye mu Njili….gusa. Muri iki gitabo niinyigisho. Hanyuma rero, ku mugoroba, hari naho novuga. Ku "Kubiba Umuyaga Maze Ukimbura Igihuhusi,"canke naho IbigegaVy'Amazi

Bitobaguritse."

11 Hanyuma, muri iki gitondo, Ngomba gusoma mu vyanditsweVyera ubu nyene.

Mbega muramerewe neza? Vuge "amen" [Ikoraniro rivuze rivuzeriti: "Amen." -Umw.] Neza ubu naho nshaka yuko muzingurura hamwe nanje muriBibiliya zanyu, mu Gitabu ca Hoseya. Mwebwe mwifuza gusoma. Hanyuma dusomeimirongo mikeyi yo mu gice ca 6 mu Gitabu ca Hoseya, umuvugishwa, duhagurukekano kanya.

12 Mana Mukundwa, ntibitubereye kwakira iki Gitabu mumaboko yacu, kuko dusoma mu Vyanditswe ko ata muntu n' umwe mw'Ijuru canke kw'isicanke uw'ikuzimu yari abereye canke ashoboye kwabira ico Gitabu, canke ndetsekukirabamwo. Ôo, hanyuma haciye haza Umwe yasa n' Umwagazi

w' Intama yishwe; yabira ca Gitabu, kuko yari abereye,hanyuma amenagura amashashara yari akimatanije. Ni We duhanze amaso muri aka gatondo,ngo aduhishurire ibijanye n'ibi Vyanditswe muri iki Gitabu, kuko ari ca Gitabuc' ugucungurwa. Ivyacunguwe vyose vyanditswe muri co. Ese twohagarara mu kibanzacacu muri aka gatondo, muri uyu mwanya tubayemwo. Kuko tubisavye mw'Izina ryaYesu. Amen.

Enda ni muze,dusubire k' Uhoraho, kukw' Ari We Yadutabaguye kandi ni We Azotuvura, ni WeYadukubise kandi ni We Azodusomora.

Iminsi ibiriishize Azoduhembura: ku munsi ugira gatatu Azoduhagurutsa, tube bazima imbere yiWe.

Enda tumenyeUhoraho, tugire umwete wo kuMumenya, nk'uk'umutwenzi ata cowubuza kuza, ni kona We Azoza: Azotuzako nk'imvura, nk'imvura y'umutasuro inywesheje hasi.

Ewe Efurayimu,mbega Nkugire nte? Nawe nyene Yuda Ndakugire nte? K' ukurukundo munkunda rumezenk'igipfungu co mu gatondo-tondo, kandi nk' urume ruta mu kanya gato.

Ni co gituma Nzobatemagurishaabavugishwa naNje, nzobicisha Amajambo yo mu kanwa kaNje, kand' imanza Mbaciriyezizokwira hose nk'umuco.

Erega imbabazini zo Ngomba, s'ibimazi, n'ukumenya Jewe Imana, kuruta ibimazi vyoshejwe.

Ariko bo,bishe isezerano nka Adamu: aho niho baNdyarukiye.

Gileyadi n'igisagarac'inkozi z'ibibi, cayoberanijwe n'amaraso.

Nkukw' ibiterovy' abambuzi biryamira umuntu, nik'umurango w'abaherezi wicira abantu mu nziraija i Shekemu: bakora ivy' ibugesera. Mu nzu ya Isirayeli Nahabonye ikintu c'ubuyobe: aho ni ho habonekeye ubusambanyi muri Efurayimu, ni ho Isirayeli yahumaniye.Kndi nawe Yuda, urindirijwe igihe c'iyimburwa, igihe Nzogarukana abantu baNjebajanywe ar' inyagano.

Mwami Yesu, Kura muri bi, kubwa Mpwemu Yera ibijanye n'ivyo wadutegekanirije mugihe tukikurindiriye, mw'Izina rya Yesu. Amen.

13 Kano kanya, icigwa canje kabo gatondo ni: Kumenya Umunsi wawe N'Ubutumwa bwawo. Turabonye,mu cigwa co kuwa mungu uheze, nkuko twigishijije: "Umusi mukuru w' inzamba"kandi nashaka kubagabisha, ubu, ca gihe - w' Abanyisirayeli nifadikije isaha y'Imana. Uyu musitwinjira mu cigwa c' Ishure yo kuwa mungu yuko nipfuza ko mu kandi mukamenyaigiha co tubayemwo. Umwanya kuri twebwe usa n' uwurangiye, nk' uko. None rero,mw' ishimikije ibi, muzohabwa kumenya iyo saha hamwe n' umwanya, hamwe n'ikimenyetso hamwe n'ubutumwa bwo mutegerezwa kwakira.

14 Ubu, nkukotwabitanguye kuwa mungu uheze… twari twavuze kucipfuzo cacu co kwigisha, kunzamba, inzamba ndwi za nyuma zo muri Bibiliya hanyuma nanje muri jewe, nohavaniyumvirango ngo zari kumenwa kurya nyene kw' amshshara. Ariko narabonye ko kw'iyugururwa ry' imwimwe yose, ikintu kanaka kidasanzwecaca gishika. Nkukotwigishije vya bihe ndwi vy' ishengero vyari bitunganye neza cane gushika naho Mpwemu Yea Wenyene amanukahagati muri twebwe hanyuma arahashingira intahe, hanyuma bishirwa mubinyamakuru birungikwa mu gihugu cose, hanyuma vyerekanwa n' ukwezi kw' ijuru.Hanyuma yavyemeje imbere yacu, amayinga n' amezi imbere yuko ivyo biba, muburyo nyene bushitse ivyo vyari gucamwo, mu buryo butunganije. Aha ngaha mw' Ihema yarabimenyekanishije.Ahaku…mu gihe caheze, yarabimenyekanishije, ku kwezi no kuzuba,yarabimenyekanishije, ku gihagararo c' amahanga muri iki gihe, yarabimenyekanishijije.Mugihe ugusumbasumbana kwavuye iroma, Kugasubira muri Palestina, bibwira yukoariwe mu Papa wa mbere yasubiyeyo kuva Petero, uwo ( nkuko ba bivuga), yari umuPapa. Ivyo vyabaye ibidasanzwe!

15 Hanyumaturabona, imbere yamashashara………………….., yari anyegeje amabanga yose.Kandinarinzi ivyo nariko ndacapa ku kibaho, ku bihe ndwi vy' Amashengero, habanamba. Imana Irabizi. Neza na neza biciye kukw' erekwa, narabishushanije.Sinarinziyuko Imana mu mwaka n'amezi atandatu bikurikira, yari kuvyemeza mubicu, ikoresheje ukwezi, hanyuma ivyo bigakwiragizwa mu bi nyamakuru mu gihugucose,

Ntvyo nari nzi. Sinari nzi yuko hari kuba ubw' irakabiri bw' ukwezibutngaje, kugira vyerekane iki gihe ca Lawodikiya. Mu binyamakuru usangamwo gusa ibihebitandatu. Ni kubera igihe c' ishengero ca Lawodikiya cari cacuze umwizacose. Nimba mwoshobora kubonaico bisigura mu buryo bwa Mwemu, ukuntu Imana yabitondetse mw' ijuru. Igihenabitondeka ngaha kw' isi narasigaje , nkuko mubibona neza na nezaakanya gatoyi k' umuco. Aho hari imbere yuko uwatoranijwe wa nyuma yariguhamagarwa ngo ave mw' isi arico catumye ndabishira hariya mugihe c' ishengeroc' indwi. Ariko mugihe Imana Yogushira mu birere, cari gicuze umwiza cose,bisigura ngirango uwanyuma azohamagarwa ava mugihe ca Lawodikiya. Ntavyo tuzi.Aho hoshobora kubako inyigisho.

16 Ubu raba kandi, imbere ya- y' amashasharandwi, ayo ntari nfiseko n'iciyumviro vyari bimeze uko. Aha ng' aha mw' Ihemayarabivuzeko, hanyuma indungika Tucson muri Arizona, ndabamenyesha vyoseivyari bigiye gishika. Kandi hariho n'umuntu yicaye ngaha, uno musi, yari hariya kugira abone ivyo bishitse neza na neza mu buryovyari vyavuzwe ngaho ko vyari kugenda "Abamarayika ndwi bari kuza" hanyumaibinyamakuru vyarakwiragije, n'ibinyamakuru mu mpande z'igihugu : "Umuzingiw' umuco utagaje umeze nk' ibuye ry'umusonge," neza na nez nka kurya nabishushanije kugira ndabibereke. Ico cadutse hejuru kivuye aho Abamarayika baribahaze, hanyuma kiraduga hejuru kuri "mayili" itatu [ ibirometero mirongo inen' umunani -Umw.], ubwaguke bwangana na "mayili" mirongo ibirin' indwi[ibirometero mirongo ine na bitatu- um]anditsi canke k' uburebure bungana na "mayili"mirongo ibiri n' indwi [ibirometero mirongo ine na bitatu umwanditsi], na "mayili"mirongo itatu z' ubwaguke [ibiro metero mirongo ine n' umunani n' umunani-Umwanditsi ], sinibuka kimwe muri ivyo.Ico cabonwa n' uwuri muri Leta yariyoyose, cari neza na neza hejuru y' i Tucson muri Arizona , utumbereje ahovyabereye, muri nya mwanya nyene.

17 Murabona, bi Bibiliya, Imana si gusa…ibi si neza na neza umuntu ariko aragerageza ku -ku kwemeza ikintu kunguvu,ariko kuguhishurira ishirwa mungiro ryo mu buryo bwa mpwemu bushitse bujanye n'iyisaha turimwo.

Hanyuma rero, Ubutumwa bwakurikirye nimuri bwo ya ma shashara indwi yuguruwemwo. Muri ayo amabanga yose yo muriBibiliya yari yaranyegejwe yarahishuwe, inyigisho n'ibindi. Ivyo isi igwanyaishizemwo n'ububisha muri iyi misi, birabirwanya hanyuma bikavuga ngo si vyo,ibi, biriya.

Wa munsi, hariya i Arizona, barikobarafatany imitwe y ' amabande kugira bagerageze bamvugishe ivyo ntigezemvuga. Ibuka neza na neza ry yerekwa rijanye n'ivyapfundikiwe i Arizona!Bibiliya yavuze iti: "Ivyoba vyiza kuri wewe n'uko wohambirwa urusyo kw' izosi, "kandi ikidi kintu, co, "Wariwe wese," abas umuvugabutumwa canke ico ashatse,uzokurako Ijambo rimwe, canke akongerako Ijambo romwe!" Abanyubashira insiguro y' iwabo mw'Ijambo nk' uko ryari ryaratanzwe, bageragezagutuma rivuga ico jewe ntavuze, hanyuma, si Ijambo ryanje. Ni Ijambo Ryiwe. "Uwuzokwongerako, agakurako!" Hanyuma rero, muri rya yerekwa,twarabonye abavugishwa bamanutse giturumbuka, nkuko nabibasiguriye, ndibaza,kuwa mungu, haraheze indwi nkeya. Ivyo bizoshika. Novuze nti: "Geragezaneza mu vyirinde" Mugihe nkiriko nda ndabirwanya, Imana ntishobora kubirwanya.Ariko yireke abe ariyo ibiraba. Niyo ibijejwe. Murabona?

18 Ubu, naho twabonye, kuwa mungu uheze,twari…. Twariko twigisha chu misi mikuru. Hariho umusi mukuru wa Pentekote n'umunsimukuru w' inzamba, ico cari ikiringo kirekire c' mwanya. Neza na neza imisimirongo itanu hagati ya Pentekoten' umusi mukuru w' inzama. Hanyuma imisimirongo itanu, yo, Pentekote gisigura « imirongo itanu ». Wariumukama bazungagiza, cankee ivyi….umushuzo w' ivyimburwa… Kandi tubona kocari igitutu, hariya, umushuzo w' ivyimburwa bisanzwe vyagereranya umushuzo muburyo bwa Mpwemu Yera, Umushuzo mu buryo bwa Mpwemu Yera, uwabwirizwa gusukwaku bantu. Hanyuma twarabonye ko imisi mirongo itanu, yari yahawe abanyamahanga,abo « Imana yahamagaye ihanga ngo risohoke rive mu mahanga, kugira RyiweIzina ryayo » Umusi mukuru wa Pantekote. Kandi twarasengayee uwo musi mukuru wa pentekote muremure. Kandi, mu bisanzwe, iyo misi mirongoitanu yahura neza na neza n' ammasabato indwi. Kandi amasabato ndwi yerekanaibihe ndwi vy' Ishengero, nkuko habwirizwa kubaho ihamaarwa mu gihe c' umusi mukuru w' ivya Pentekotekugira hahamagarwe ihanga risohoke riva mumahanga kugira ryitwe Izina ryayo.Ubu, mu mpera z'ayo masabato, ndwi, icaca gikurikira, wari umusi w' impongano,Uwo wahura na zo « inzamba ndwi. Kandi inzamba ndwi zari izo kumenyeshaumusi w' ikigandaro , kugaruka chu kimazi, canke, ku mpongano. Kandi turabonayuko Isirayeli, inzamba ndwi zari iz' abanyisirayeli gusa.

19 Ubu rero, icatumye Itandekura ngo ngonigishe izo zamba ndwi nari ngomba gusohora itangazo, n'inyubakwa yokuyigishirizamwo yari iza yateguwe ekavyose kugira bijanye, kugira higishwe za nzamba indwi. Hanyuma ndavuganti: "ari ikintu kana kimbujije amahoro cane »ndavuga. Twagumyedukora, Billy na twebwe twese, Tugerageza kwegeranya vyose bijanye n'ukuzanaakayaga keza mu nzu, tubitegurira iyinga ryo korokora, twiteguriria ivya zanzamba ndwi. Twari kumara imisi cumi canke mu nani mu nyubakwa y' Ishure. ArikoMpwemu Yera ntiyanyemerera ko mvuga ubutumwa kuri izo nzmba ndwi, kuberaibituma kanaka, igituma. Hanyuma igihemwinjira mu ma shengesho. Mbwira umugore "ndinjiye mu masengesho." Hanyumamfukama imbere y' Imana n'umutima wanje wose kugira nsenge. Hanyumairampishurira yuko izo nzamba ndwi zavuzwe mw' ishashara gatandatu, hanyumanaravyigishijije mu buryo bw' indenga kamere. Murabibona, ni ukuboko kw' Imana,ico kintu cose kandi twabonye ico bisigura mw' ishengero rya gatandatu- kuribamwe muri mwebwe muri bayironse- bijanye n'ihamwa ry'

Abayuda.

20 Igihe cabanyamahanga cari kurimukiringo c'umunsi mukuru igi pantekoti.Inzamba, mu … zose hamwe za vuze mw'Ishashara ry' agatandatu. Mu musi mukuru w' inzamba, ni mwaba mwese mwipfuzakubironka zaba zivugirijwe iki ?. Kugira kugira abayahudi ba tatau bihuta,bavuye mu mpande zose z' isi basubire mu Gihugu c' amavukiro.Bategerezwa kubaariyo bari. Hanyuma iygururwa ry' Amashasharamw' Ishashara ry' Agatandatu,hanyuma mu…za nzamba ndwi zavuze kw' Ishashara rya gatandatu. Ubu, Ubutumwa bw'Umumarayika w' Indwini ubwo guhishura Amabanga yo mu mashsahara, buhamagara abakozi b'Abanyamahanga bo kw'Isaha y' Icumi narimwe kugira bakure impembo inganank'Iyabakozi ba mbere baronse. Murabibona ?kandi, Ysesu yaravyigishijeivyo. Yavuze ko haciye abantu bagiye gukora mu vy' Imbugwa. Bari bahawe akazi.Hanyuma igihe bakora, abo mu gitondo ca kare, baronse u-u-umwanya, idenariyoimwe chu musi. Hanyuma chu murango umntu wundi umwe arashika, hanyuma ajagukora, hanyuma rero kw' Isaha y' Icumi na rimwe,iyo niyo saha yanyumay'umusi,ico gihe haje umintu hanyuma aronka impembo ingana nk' abakozekw ' isaha ya mbere. Isaha yanyuma.

Biratunganye cane rwose, Ukuntuintumwa kw' isaha ya mbere bo n' Ijambo, bo n'Ubutumwa Bwiza, bon'Ukuribwarashitse Ku Mus iwa Pentekote.Hanyuma, igihe c' umwijimawarazibiranije. Hanyuma hagati y' umusi, hategerezwa, LUTER, na Wesley, hanyumarero hamwe n' abandi baraje. Hanyuma rero, hategerezwa ubutumwa bw' Igihe c'akagoroba, aho bazoronka co kimwen' ivyabaronse bo muntango. Ubutumwa bw' igihec' akagoroba buzosubizaho kandi, kubigarukana kandi.

21 Kandi ibuka rya yerekwa ryo mu ndwiiheze, ryarindi hamwe.Umugeni yaza kugira…iyerekwa ry' umushuzo wa vyo.Umugeniakiri na muto, w' inkundwakazi , yarashitse mw' iyereka. Kandi nanje,sinari ndiko ndamwiyumvira, nari nicaye hanze nyene ndiko ndaraba. HanyumaUmugeni arashika. Numva Ijwi iruhande yanje rivuga riti : « Nguyu umushuzo w' Umugeni. » « Ngira iyerekwa ry' umushuzo w'Umugeni ». Hanyuma Ararengana. Naramubonye, ingene yari ameze inkundwakazicane, mw' iza, w' umuyabaga, yagendera ku ntambuko isanzwe, atari nkintambukonini nyenez' umugore, kurya nyene bagenda rupfasoni. Uko niko yagenda, mugiheyari ashitse iburyo bwanje, muri uru ruhande, hanyuma ararenga iyo ntashoborakubona.

22 Munyuma Arampindukiza mu ruhande rw' iburyo, hanyumaanyereka ishengero ry'ari ryo ryose mugihe bariko bava mu bihe. Hanyuma, Yoh,Ese ingene vyari ibisanzwe ! Kandi uwa ubwanyuma yari uwu w' iyimisi y'igihe c'ishengero rya nyuma, ryariririrongowe n' umupfumukazi. Kandi bari bateye isonikubw' ingene bari bambaye,yagenda araheneguza ! ( ntiyarabereye kuraba) Kandi batambuka umurongobariko baravugirizwa « twist » hamwe na Rock- and- rol. Kandi abobagore bagenda bariterera ubwabo neza na neza nko muri " twist", bafise gusaurupapuro, rusa n' vu, indydya, ryari,…ibara ry' ivu nari hagati na hagati y'iryera n' iryirabura, iryo naryo n' ibara ry' uruhendo. Ibara ry' ivu, ntiryera kandi nti ryrabura. Ni ibara ry' uruhendo. N' urupapuro rusa n' ivu,barufatiye imbere yabo, bo n' amajipo y'umugozi uzungurutse, w' iki dentelle, bari bawufatiye imbere kandi bari neza naneza gusa uhereye mu bikenyerero vyabo. Kandi bagenda bagana i…canke, ku ngero, muziki. Igihe bari begereje,Arabwira at:"Iryo ni ishengero"

Igihe ryarengana impande yanje umutima wahatswe kumvamwo. Ndiyumvira nti: " Nimba ariuyo bagerageza kwereka kristtu, nku' Umugeni? Ishaka n' ibintu vyo abantubakoredheje, kugira baronkere Umugeni Kristu, none Umumalayika asanzwe,ahenaguza ngo abe Umugeni wa Kristu?" vyarantumye ngwara mu mutima.

23 Hanyuma mugiheyariko ararengana, amaze ku…mu kurengana imbere y'aho twari duhagaze. Yariafashe urupapuro imbere yiwe, ahindukira hindukira kandi y' iterera, kandiyijana muruhande rumwe akongera hanyuma mu rundi ruhande, mu kurengana nka zantmbuko zigezweho bafise muri iyi misi, akoresheje umutumba wiwe mu buryobuteye isoni, ashishikara agenda.

Ivyo bintu ntibinyega. Jewe mvuga gusa ivyonabonye. Kandi Imana niyo Mucamanza wanje, ariko iryo ryari ishengero ryo muriLeta zunze ubumwe Amerika.

Ubu reo,mugihe ryariko rirarengana, igice cose c' umugongo cari kidafutse na gato.Hanyuma muko yariko ararengana, naracitse inkokora mera nk'uwurwaye

Hanyuma reroArambira At: "Umugeni arza gica imbere yawe kandi nk' umushuzo." Aho nyeneUmugeni aca aza inyuma yiwe, Umugeni asa neza na neza nk' umwe yarengana muntango. Hanyuma rero umutima wanje uca urasimba kubera umunezero, kubera menyeyuko hariho Umugeni. Kandi azoba akozwe co kimwe, kandi yambaye co kimwe, nkakumwe uwo muntango yari ameze. Ategerezwa guhamagarwa. Kandi ndazi yuko uko ariukuri. Nimba uko atari ukuri, ivyo neretswe vyose imbere y'ivyobizoba bitariivyu' ukuri. Kandi mwese murazi, yuko atakintu na kimwe muvyo Yatubwiyekitabaye ico "Ukuri. Vyarashitse, neza na neza…

Nonemurashobora kubibona, aho, Umu - w' ishengero ry kino gihe w' iyita ngo niryo "ishengero?"

24 Nkuko umuntuumwe yavuze wa musi, Mwene Data Ruddll, Mwene Data mwiza, ubu ahagaze yegamiyeuruhome hariya. Yavuze ko yo yamubonye asa n' umunago Wo k' umuzabibu. Kanditwariko tubihazanako, mu biro umusi umwe, kandi Mwene Data Rudell yariyabujijwe amahoro n' ingene ibintu bimeze ubu, hamwe na- n' impwemu yumvikanamw' ishengero ubu, uko ubu vyatanguye gupfutana .Abavuga butumwa bavuye hose,mu kiganiro, barabaza bati: " Mega habaye iki?ga Mwene Data Branham?Mbegahabaye iki?"Yoh! Yemwe!

Mwene DataRudell yarambajije ikibazo at: " Mbega ubuzima bwabo babukura ku mpwemu yasatani? Canke kuki?"

Ndishura nti:" Oya, umunago ukura ubuzima mu nguvu z' umuzabibu"Urabaho, kuko umucungwe,indimu, ko, kw' indimu ikura iri kugiti c' umucungwe, ariko ntizokwama ivyamwavy' imicungwe naho uba ubeshejweho n' ubuzi bwaco. Kandi n' ishengero,ivyigira, ishengero ni umunago womekerewe, ukabaho witwa izina ry' ivy' Imana,izina ry' ishengero. Katorika na Porotestanti, ni iminago, ikwega i… ku nkomeziz' umuzabibu, ariko naho bimeze uko iroma icamwa cayo, ico basanzwe bari,kubera ntibigeze bahinduka. Ntibari mu mugambi ( mu nteguro) y' Imana, ico nicogituma bategerezwa guhakana Ijambo hanyuma bakama ivyamwa bimeze ukundi. Igiticonyene nyakuri, ku muzi …carateranijwe kugira came imicungwe,ku giti c'umucungwe.Yesu Yavuze Ati: " J ewe ndi Umuzabibu, namwe muri amashami"

Ariko rero,bishitse ico giti kikagira irindi shami, rizokwama ivyamwa vyo kunkomoko. Kandihategerezwa kubaho igarukanwa ry' ivyo bintu vyose. Neza na neza ku mperay' umuzabibu. Hategerezwa, kubaho,kugaragara kw' igarukanwa, umuco w' akagoroba kugira ng' umurikire kandiuwushikane aho ukomera. Ariko ico kizova ku Muzabibu, atari idiniryoba kuriWo, ariko umwimbu nya kuri w' Ijambo. Ritegerezwa kugaragara kubw' igihe c'akagoroba. "Kandi hazobaho Umuco mugihe c' akagoroba." Habwirizwa kubaho Umucokugira murikomeze.

25 Murabonaingene Icanditse ari igihitse! " Umusi ata wovuga ngo ni umusi cankeijoro." Icamwa ntigishobora gukomera hatabonetse izuba ryo kugikomeza. Nahowoba wigisha, gute, ivyo ukora ivyrivyo vyose, ntigishobora gukomera,ntigishobora kugaragazwa, Uwushobora kuvyemeza ni wa Wundi yavuga ati: "Jewe ndi Umuco w' isi" Ijambo. None,hategerezwa kuza i- i-Inkomezi, Mpwemu Yerakugira akomeze, canke kwemeza canke kwerekana, canke kugerageza ivyo yavuzeimbere yuko biba ko bibwirizwa gushikamuri iyi misi Ni Umuco w' akagoroba uzana ivyo. Ni uyuhe wundi mwanya atari uyu.

Umugeniyarenganye nkumwe yarimwo aho yari. Kuntango, ariko nari ndamushinze ijisho,aza arava ku murongo, Emwe, vyinshi vyovugwa kuri ibi bintu, dufatiye ku musitubayemwo.

26 Ariko reroHoseya yavuze mu 6.1 ati: " Garuka k' Uhoraho" Mwibuke, yavuze ko bari ko barikuzosanzara, kandi vyarabashikiye. Yavuze ati:Bazogaruka k' Uhoraho, ni bamaragusanzazwa kandi ko azobavura ibikomere"Raba neza, " kugaruka…ko barigusanzazwa, ubwa kabiri…bari baratabaguwe, kandi bari bagizwe impumyi" Uko nikovyagenze neza na neza " Azodukiza kandi azotuvura" Cokimwe na Ezekiyeli, "Amagufa yumye, mu kiyaya cuzuye amagufa yumye" Ezekiyeli yarabibonye, igarukanwaryabo. Hanyuma rero raba neza, Hoseya yavuze ati: Inyuma y' imisi ibiri! Inyumayimisi ibiri, yari kubagarukako. Azotwakira, kandi aduhe, aduhe ubugingo." Nanerero, kuduha Ubugingo, hariho Ijambo rindi nk' iryo rikoresha ahandi hose,namye ndarisuzuma risobanura ngo "Umuvyuro" Azodusubiza ubugingo haheze imisiibiri" "Iyo vyari kuba: " Umusi ugira gatatu, Azodusubiza kandi, amaze kudusanzaza, kandi akaduhumazmaso, kandi akadutabagura."

Murazi,Abayahudi bahumishijwe mu ntumbero itomoye yuko twebwe tuzoronka ukubona.Baratabaguwe, barsanzazwa, nk' ihanga, kndi baranka Mesiya; kugira dushoborekumwakira Mesiya, kugira abantu bashobore guhamagarwa bave mu mahanga, kubw'Iryo Zina.

27 Ariko rero,ubwambere hari aho Umugabo, hanyuma umugore umugore agaca yitirirwa izinaryiwe. Abo banya mahanga bahumishijijwe badashobora kubona iryo Zina, UmwamiYesu Kristo," kubw' Umubatizo! Birababaje cane rwose, ariko ni uko bibwirizwakumera. Abayahudi, vyasabwa ko ba- -vyasabwa ko batabona ivyo. Hariho umweWenyene yoshobora, uwo nawe n' umwe aba yaratoranijwe kuribona. Atri uko naho,ntuzokwigira uribona. Abayahudi ntibari gushobora kumubona kandi ari Mesiyawabo. Kandi bari basanzwe ari abanyabwenge kandi bahejeje amashure y' ivy'Imana, abntu bari bazwi cane kubw' ubumenyi bwabo, basoma Bibiliya nk' iyomusoma. Ubu ivyo ko tumaze kubimenyeshwa, turashobora kubibona neza cane, yukoyari Mesiya. Ariko bobo ntibashobora ubu nagatoya. Vyarvugishijwe ko na bonyene bobaye barahumishijijwe.

Ishengero, ry'uyu musi, vyaravugishijwe yuko ryobaye ari impumyi, ko ryotaye Ubutumwa bw'Igihe c' akagoroba.Ivyahishuriwe Yohana 3 havuga ngo; "uri umutindiwapfutanye," raba neza ukuntu umugeni yarimwo kuri uwo wundi mugoroba, cankeishengero, " rigenda amenya, impumyi, kandi ntavyo rizi" MwamiYesu, tugirireimbabazi. Bibiliya ko ryari " gusa" Sinari bwigere ndabibona kiretse neza naneza ubu nyene. Ishengero ry Lawodikiya ryagenda amenya. Kandi igihe ryaserukakuri wa mugoroba, rygenda " amenya" Sinaribwabibone, " kandi ntiribimenye".

28 Ôo, Eseukuntu ingene tubikenguruka! Ese ukuntuntibitangaje yuko tubikenguruka cane! Niyumvamwo ( umengo) ko tudakengurukabihagije kubw' ibintu vyo Imana iriko iratuma tumenya.

‟ Amenya”Kandi ivyo neretswe vyavuga, vyanyeretse yuko yagenda amenya, kandi ntiyari abizi, kandi: ‟ impumyi” Nkuko Isirayeliyagizwe impumyi, kugirango abo mubanyamahanga bashobore kw' injira, Ubu naho mubanyamahanga bagizwe impumyi, kugirango umugeni ashobora kuduganwa hanyumaIsirayeli ishobore kuronka Umusi ukuru.W' inzamba ‟ Ni ibitunganijwe neza na neza.

‟ Haheze imisiibiri, Azodusubizamwo Ubugingo. Canke aduhe Umuvyuro, mu kudushira hamwe,abayahudi,” ubu ndiko ndavuga ibijanye n' izi nzamba. Kandi Azo… ‟ Kandi tuzobamunyonga Ziwe, canke tuzoba dufise Ubugingo Budashira. Murabibona?Tuzobz turimunynga Ziwe” Bibiliya Yavuze aha muri Hoseya, yvuze iti: ‟ Kandi tzoba munyona Ziwe, Ubugingo, tuzoba dufise Ubugingo, mu nyonga Ziwe” Ubwo ni UbuginogoBwiwe. Bwegu, Ubugingo budashira, tuzoba dufise Ubugingo mu Nyonga Ziwe.‟ ” Uwuba abaye mu minezero aba yarapfuye, n'aho aba ikiri muzima.‟ None rero twa… vyasezeranywe ko. Isirayeli yari kugirakandi Ubugingo mu nyonga Ziwe. Yarapfuye, kub' ivyo, kandi ku musi mukuru wa Pentekote.

29 Raba neza ubunaho, mwitanze. ‟ hanyuma, mu misi ibiri” Mubisanzwe, ivyo ntivyagomba gusigurango imisi ibiri igizwe n' amasaha mirongwibiri n' ane; kubera harbayeho…Ivyohaheze igihe kinini bibayenk' imyaka amajana. Murabibona?vyasugura ‟ imisiibiri mu Nyonga z'Umwami”haheze imyaka ibihumbi bibiri. None rero, mbega muraziigihe kihaciye uharuye kuva ico gihe? Haheze imyaka ibihumbi bibiri n' amajanandwi uharuye kuva ico gihe, kubera muri Hoseya, aha, hari mu mwaka 780 imbereyukuvuka kwa Yes Kristu. 1964. Murabibona, haheze imyaka ibihumbi bibiri n'amajana indwi. Yavutse aho ‟ Haheze imisi ibiri, ku musi ugira gatatu,azodusubiza ubugingo kandi, hanyuma aduhe Ubugingo mu Nyonga ziwe”Ngizo inzmbazanyu, aho niho tu …..mwo iki gihe tubayemwo

30 None rero, barashwiragijwe, baragizwe impumyi, baregeraywa,none bari mu musi ugira gatandatu igice cawo kitarigito kiramaze guhera,Murabibona? Barashwiragujwe, ba va muri palestina ba kwira isi yose. Baragizwe impumyi kugirabihakane Messiya. Ubu naho baregeranirijwe mu gihugu cabo bariteguriye inzamba,bamenye kugira Ikimenyetso C' impongano.Nkuko Biblira ivuga iti: ‟ Igihe bazomubona, bakabona inkovu ziwe z'imisumari,” Inyuma yuko Ishengero rizoba ryamazwe kuduganwa, ‟ Kandi bazovugabati: ” Mbega nizo nkovu wa zi kuye hehe?‟ , Azovuga ati: ” Munzu ybagenzibanje.‟ Kandi yavuze ati: ” Bazokwitandukanya, umuryango uwari wo wose, uzoboroga kandi urire, umare imisi, ku' umuryango wabuzeumuhungu w' abo w' ikinege.‟ Mwibuke yuko umusi mukuru w' inzamba. Wabwirizwaivyo kubikora. ” kurira, kugandara, kubera ikimazi cishwe.‟ Co baribarihakanye.

Bari mu gihugucabo. Barahwiragiye, baragirwa impumyi, none ubu naho bagereranijwe. Kandi ivyovyose, vyaba mw' Ishashara ryagatandatu, Inzamba zabo ndwi…zavuzekugira zibegeranirize, Inzamba ya Gatandatu. Iy' indwi ni ‟ ya nzamba Nkuru,”nkuko twavyumvise kuwa Mungu uheze.Inzamba ya Gatandatu ya vuze mu gihe c'ishashara rya gatandatu, nkuko ishashara ry' iwacu ryuguruwe icarimwe, kiretseko izabo zo za vuze kimwe na kimwe, Ariko kubwacu haheze imyaka ibihumbibibiri: turi mu musi mukuru w' ivya Pentekote.

31 Ubu hahezeimyaka ibihumbi bi biri n' amajana indwi kuva ico gihe yavuze ati: ‟ ku musiugira gatatu, tuzokwegeranywa kandi haheze imisi ibiri, ku musi ugira gatatu,tuzokwegeranywa kandi, hanyuma turonke ubugingo mu nyonga ziwe” MurabonaIsezerano? Isaha yanditswe neza na neza ku gisika. Turabona aho tuba.

Ubu bari muGihugu cabo, barindiriye umusi mukuru w' Imana, canke kumenya ry' Ikimazi c'Impongano, kandi baharindiriye Ukuza, Bagandara kuko bamwihakanye, ubwa mbereaho bamwihakana bari mugihugu kubera iyo ntumbero aho ba muta bari mu Gihugukubera iyo ntumbero nyene, bararindiriye. Mga bari iki bose… vyose vyarashizwemu kibanza ca vyo.

Nk' umuvugabutumwa w' Ubutumwa Bwiza, Nta kintu na kimwe mbona gisigaye atari ukugenda k'Umugeni. Kandi Umugeni abwirizwa kujanwa imbere yuko bamenya ivyabaye. B aribaraboshwe, barashwiragizwa… Ngomba kuvuga, Barashwiragijwe Mbega hasigaye iki?Ko umugeni akugwa mu nzira. Barindiriyeko Umugeni yanduruka, kugirango babavugishwa babo, bo mu vyahishuriwe Yohani 11, Bashobore ku bahama garira ngobaje mu musi mukuru w'Inzamba, kandi bace bashobora kumenya (kwemera) ivyobakoze.

32 Mwibuke hagatineza na neza y' arya mashashara, niho habaye ishashara rya gatandatu. Kandi ahonyene niho vya bihumbi ijana na mirongw' ine na bine vyatogwa kandibirahamagarwa. Kandi hagati y'Inzamba ya Gatandatu n' iyi ndwi, aho nihoIvyhishuriwe Yohana11 biranguka, ivyo bikaba bijanye neza na neza n' Ishsharary Gagatandatu.

Kugira bikoreiki ? Vyategerezwa gukora iki?kandi ibivyabwirizwa kwinjiza mugikogwa ivyabonabibiri, Mose na Eliya,abavugishwa.Abayahudi bizeye gusa abavugishwa babo.Bazoza,bafise ikimenyetso c'abavugishwa, kandi igikorwa cabo kizoba ariic'abavugishwa.Kukaba nkako, bakoze neza na neza…

Ivyo vyerekanaikintu kimwe:Muntu iyapfuye canke iki ndi carico cose, iyo uvuye aha mw'isi,kamere yawe ntihinduka. Nimba wari umubeshi ubu, uzoba uri umubeshi hariya.Nimba ubu uruwushavura ningoga, uzoba uwushavura n'ingoga hariya.Nimbaukekeranya ubu, uzoba uri uwukekeranya hariya.Bagabo namwe bagore, haragezeyuko mwikubita agashi, kandi mukisuzuma, kugira murabe aho tugeze, kuko urupfuntanakimwe ruhinduramwo.

33 Hari hahezeimyaka ibihumbi bibiri bagiye. Mosi, ikiringo kingana n'imyaka ibihumbi bibirin'amajana atanu, hanyuma Eliya… nk'imyaka ibihumbi bibiri n'amjana atanu. Eliyaagiye, hanyuma Mosi yari yaragiye, none ehe raba bagarukanye kamere yayindinyane kandi bakora nk'ivyo bahora bakora.Urupfu ntaco ruhindura kumuntu atari ahouzoba inzu yo kubamwo. Ntiruhindura kamere kawe. Ntiruhindura ukwizera kwawe.Ntiruhindura ikintu na kimwe atari aho uzoba inzu yo kubamwo.

None rero, ni iyihe kamere yawe muri kino gitondo!Nimba uri uwukeeranya Ijambo ry'Imana uzoba uri uwukekeranyana hariya. Je sindaba ngo uri umweranda bimeze gutyo, uko ubayeho, kandi ukowoba ubayeho ufise ubuzima bwiza ; urupfu ntiruzoguhindura uko wari umezekw'isi, kiretse inzu yawe yo kubamwo aho uzoba. Kandi nimba udashobora kwemeraIjambo ry'Imina ryose uko ryanditswe, ntuzovyizera hariya, kubw'ivyo, rekakugira umutima uhagaze, ntuzobayo.Mutegerezwa kuryizera ryose atco muhajije,mububasha bgo mw'igeragezwa n'ibihishugwa ry'ico riri, muri ico gihe ucauhinduka igice caryo.Nta kindi Izoguha atari Ijambo ryayo, nkuko YabikoreyeIjambo Ryayo. Mugitondo c'Uwambere wa pasika. Ntakindi cazutse atari IjamboRyayo, hamwe n'abari bapfiriye mw'Ijambo Ryiwe, mukwizera Ijambo Ryiwe, kandibakemeza Ijimbo Ryiwe.

34 Ehe nimurabe,ubu haheze imyaka ibihumbi bibiri n'amajana ndwi uhereye ico gihe.Nimwitegereze, bari barashwiragijwe, bari baragizwe impumyi, none ubu nahobegeranirijwe ubu, ico bimirije ni ukuronka Ubugingo. [Mwene Data Branham akubise ku gicaniro. -Umw.]

Abanyamahanga baramaze guhamagagwa ngo basohoke. Umugeni ariteguye. Izamugwa riregereje.Mbega turabibona? Mbege yemwe twoba tuvyizeye?Mbega yoba ari inkuru gusay'akahise twabwiwe? Mbega coba ari ikintu cumvikana knukuri? Mbege coba ariikntu co hanze twoshobora kwizera? Canke, mbega coba ari ikintu kiri muritwebwe, kiri mubitugize, gifise akamaro kuri twebwe gusumba ubugingo? Mbegainyifato yacu niyihe ubu twicaye ngaha muri iri hema, muri iki gitondo?Mwibuke, uzoba ari umukuku mutoyi uzokwakira ivyo.

Ubu bari mugihugu cabo barindiriyeinzamba. Ubu barindiriye ko umugeni agenda, kugira ngo Ivyahishuriwe Yohana11bije mungiro. I gihe c'Ishengero caheze. Amashashara yaruguruwe, yerekanye ivyobari barasize uruhande mugihe c'Ishengero kandi U butumwa bwatanzwe.IsilayeriIri mukibanza, haleluya, Iriteguriye umusi mukuru w'Inzamba.

35 Ôo yemwe bantu bo kubundi butaka, ahomuzokwumva iyi kaseti :mbega ntiwookwikangura ga Mwene Data. Canke,Rikugira impumyi ? Woba ushaka kuryama hanyuma ukaryita ubuvugishwabw'inyoma kandi ryagaragajwe neza na neza imbere yanyu ko n'isi, n'umwanya,n'abantu hamwe na Mpwemu Yera Umwe Yaryandika. Ryagaragajwe icarimwe muvyakamere, muvy'Impwemu, muvyibikoresha. Ivyo Yavuze vyose vyashitse kandivyagaragajwe.

Isilayeri mugihugu cayo, barasunitswebatahayo, barongowe bajayo nk'intama. Imfyisi zarabiritseko, bituma basubirainyuma kugira bikingire, mugihugu cabo. Mwibuke ko Isilayeri Yasezeraniwe koIzohezagagwa, arikobisabwa yuko Iba Iri mugihugu cayo. Ntnarimwe ImanaIhezagira Isilayeri mugihe Iba Iri hanze y'igihugu. Aburahamu yaragiye hanzey'Igihugu yaciriweko iteka. Uwarawe wese avuye mugihugu aca acigwako iteka. Imana Ishobora guhezagira IsilayeriIri mugihugu cayo gusa,none niyo Iri ubu nk'Ihanga kandi Ishengero ryahamagawe,ico ririndiriye ni izamugwa ry'umugeni ko yozamugwa.

Ibimatanije amashashara vyuguruwe.Twabihishuriwe, turabona ivyo bari basize kuruhande. Mwebwe mugomba guharira nokugira inkuru z'akahise kubijanye n'uruvyaro rw'inzoka, hamwe n'umubatizomumzi , eka n'ibndi, mwagizwe impumyi,kandi ntavyo mumenya. Ya mana y'iyisi yarabagize impumyi kuri ivyo, kandi ntavyo mumenya. Ntibitangaje kuba naciyemugihe nka kirya mugitondo, ngana...

Kugira ngo abavugishwa babo bashoboreguhishurwa kuri uyu musi wanyuma, - ntawushobora kubigira - kunzamba, vy'umusimukuru w'Inzamba.

36 Yavuze muri Hoseya Iti :« Narabakubise » ubu nimurabe neza, Isilayeri niyo Iriko Irabwira.« Naragukubise » cakne muyandi majambo : « Narabaringanije,baringanijwe kugira ndabatandukanye, nkoresheje abavugishwa » ukwo nikoImana Igirira abantu bayo. Irabaringaniza Ikabakura mubasigaye b'abanyamahanga.Mbega Ikoresha iki ? Inkota yaYO y'ubugi bubiri, Ijambo Ryayo. Irabaringaniza, Ihanga Ryayo Irikuye mumahanga,Ikoresheje Abavugishwa, Ijambo Ryayo ryagaragajwe. Ukwo nikwo Yaringanijeumugeni waYO kugira Imutandukanye n'amadini,Ikoresheje Ijamb Ryayo, IsezeranoRyo muri Malaki 4, mumisi yanyuma.Iringaniza umugeni Wayo.Imuringaniza Imukuyemumashengero asigaye! Yariringanirije umugeni Wayo.

37 Yarabaringanije kugira Ibatandukanye,abavugishwa, Icishije mu, Ikoresheje abavugishwa baYO, Ikoresheje IjamboIringaniza Isilayeri « Itandukanya ubwawe n'abandi » raba hariigihe bashaka kwigeza nk'abandi basigaye. Baraje ku muvugishwa Samweli.Aravugaati : « Mbega ndamaze kubiba amahera yanyu ?Mbega mazekuvugishwa ikintu na kimwe mw'Izina ry'Umwami,hanyuma ntigishike ? Bavuzebati : « Oya,ariko tugomba nahobimeze ukwo Umwami ».

Uko nikoamashengero yabigenjeje. « Yoh,turizera Ijambo. Ni vyiza, Ariko,bavuga yukohabirizwa gukora ibi‟ ntumbaze ivyo bavuga. Ijambo niryo kuri!Bararindiriye. Yarabarenganije kugira Ibatandukanye. Iciye mubavugishwa.

Mbega igihekigeze he ga Mwene Data? Mbega ni igihe ki ga muvga butumwa? Mbega urabonaigihec'umusi, hamwe n'ikimenyetso ubayemwo. Woshobora kubitahura? Urabibona?

38 Hose ubu, nta muvyuro uriho. Abantu bose baridoga,abakozi b'Imana baraboroga.Narasomye kimwe mu-mu binyamakuru bikomeye duhoraturonka aha kw'ishengero, ikinyamakuru ciza cane. Ndazi umukuru w'abanditsi, kandindazi n'abantu.Ni abantu bitanze, bameze neza,Mwene Data na mushiki wacu Moore,bo mu Ndongozi Y'ukuza Kwiwe.Kimwe mu binyakuru vyiza vyo kuri ubu butaka,ndongozi y'ukuza kwiwe. Nta nakimwe bandika, kiretse ibi : ‟ Isonzeshe,sengaNtanakimwe bandika, kiretse ibi : ” Isonzeshe,sengaNta nakimwe bandika, kiretseibi : ‟ Isonzeshe,senga! .Isonzeshe,senga!Vuza Inzamba! Zana…” Ni bangahebagisoma? Musanzwe mukizi. Mwama mwakibonye uwusenga wese, “Isonzeshe,senga!Isonzeshe,senga” ivyo ni vyo gusa wumva. “Isonzeshe, senga! Umusi mwiza Ugiyekutuzira! Hagiye kubaho ikintuciza! Mwese hamwe, Senga, Senga, Senga! Igihentikiraturengana”.

Ni kubera iki Bakora ivyo? Ni kubera iki Bakoraivyo? Bagomba umuvyuro mu nini. Briko…………………………………, bizeye yuko hagiye kubaho umuvyuro. Ni abantu beza. Kubera ikiivyo?Mbega bakoze iki? Ntibamenye umuvyuro w' Umugeni. Murabona? Naho basanzweari abakristo, barumva umukwego wo kuri iyi saha, Ariko ntibamenye ica koretse.Nico gituma bamererwa uko. Barazi yuko hano hari ikintu kibwirizwa kuba, Ariko,raba, bakirondera kure muri kazoza, ko, koza, naco camaze gushika, hafi yanyu.

Nico kimwe n' ukuntu ba bigenjeje aho hambere. Baribizeye ukuza kwa Mesiya. Bari bizeye yuko habwirizwa kuza Uwu mwitangiraimbere. Ariko yari aho muri bo, Ariko ntibabimenye. Ntibamumenye. Bari bizeyeyuko Uwumwitangira imbere yari kuza, yari kuza imbere ya Mesiya.Hanyuma baciyebamuhimbura umutwe. Hanyuma bica Mesiya wabo, kuko vyari vyaravugishijwe yukobari kuba abagizwe impumyi. Hoseya yavuze atyo.

39 Kandi Mpemu Wawuundi nyene, umwe yavuga aciye muriHoseya, yavuze aciye muri Yohani hanyuma avugako ishengero muri iyi misiyanyuma ryari kuba “rigenda amenya”kandi ko ryobaye impumyi, kandi ko ryari kumusohora hanze y' Urusengero.Ntibashoboye kubona, ko ubwo buvugishwa bwashitse.Ariko, ko ari abo hagati nahagati b' itegerezwa kuba. Ahubwo nti bagitahura gusa, Ntibakimenya.Bagereranywa n' Abayahudi bo muri biriya bihe, Laodikiya, impumyi, ubutunzi,tewologia kumenya ...Yanka Ishengero, yanka Ubutumwa. Raba ingene abayahudi banka Yohana. Raba ingene banka Yesu, kandi yari We nyene uwo bavugakobarindiriye. [ Icuma congereza ijwi kirasumye- amajambo y'Umwanditsi] Ndizeyeyuko fusible icitse. Ngirango ivyo bica bihagarika irdiyo ifata amakaseti nayonyene. Oyaye ni vyiza.

40 Baranse Ubutumwa. Ibibaye n' uko vyongerekerana bunonyene. Umwumwe wese muri mwebwe atuma hashuha. Ntabwo gutuma ishengero rigumiranez na neza mu bushuhe busanzwe, mubi….biringo nk' ibi. Kuko, murabona, Umwumwewese muri twebwe, mubisanzwe, afise ubushuhe bungana na 98°. Kandi nti mugumamw' icaye gusa aho, kuko, muguma musohora ubushuhe mudahengeshanya. Muri uyumwanya, hariho ivyuma bi kanyisha iyi sale, Ariko natwe tuguma tuhashusha,ntibi...

Raba neza, baramwanse! Baramwanse!Ariko ubu nkukoAbayahudi ba kera bari impumyi! Bari muri Lawodikiya, ni ‟ Abagenda amenya,abpfutanye, abatindi, Ariko ntibabimenye.” Umusi wubutunzi, w' inyigishozikomeye za tewolojiya, w' inyigisho zikomeye, hanyuma ubu raba banes Ubutumwa.Ntibabunezwe, neza na neza nk' uko vyari bimeze igihe c' uko Yesu yari ngaha kw' isi.

41 Kw' Atumye abantu bo mu minsi ya Nowa batinjira mubwato, nikubera batigeze bamenya Umutumwa, canke Ubutumwa. Ico nico gitumaconyene bahonye, kubera batamenye isaha ba bayemwo. Ntibamenye yuko Imana yariIgiye gufata ingigo kubera ivyaha, nkuko yari yarabisezeranye. ‟ Yari igiheguhonya umuntu mu mpande zose z'isi” Yari yarabivugishijwe. Ntifyina kandiNtifyia n' ubu ni nk' uko Yari Imezemuri kiriya gihe.

Ariko abantu, aho kwakira neza Nowa bamufashe nk' ukoari Umuntu w' inkozi y' ikibi. Ntibizera yuko ari Umuvugishwa Murazi,Yesu Wenyene yaravuze yuko abantu bo mushinyagurije, mu gihe ca Nowa baramutwenze, bamufashe yuko ari umuntu apfa gukurikira gusa n' ibindi. Ariko ntibamenye isahayabo. Nti bamenye umusi, ntibamenye ikimenyetso, ntibamenye Ubutumwa,ntibamenye Umutumwa, Ariko baramwirukanye ngo ave hagati muri bo hanyumabaramushinyaguriza. Yesu yavuze ati: ‟ Nkuko vyari mugihe ca Nowa!”

42 None reka ko Isilayeri iri mugihugu cayo, vyose bikababiri aho ubu, kandi ubutumwa bukaba buriko burakwiragira, bishitse, Mbega turikumusi uyuhe ga bene Data. Tugeze hehe?

Ntibamenye umusi uwo ariwo. Ntibawumenye. Ico nicocatumye babihusha, ni kubera batigeze babimenya. Bari bameze nk' uyumusi, nezana neza vyarivyo vyose nk' abantu b' uyu musi, bagizwe impumyi n' ivy' ubwengevyagaragajwe, n' ubwoko bw' inyigisho, n' ama seminari ya tewolojiya. Kandiibintu vyabagize impumyi muri kiriya gihe ni vyo vyagize kunonyene Uyu musivyabagize impumyi gushasha.

43 Kandi co kimwe, ukw' icisha bugufi, kw' icisha bugufikw' Ubutumwa n' Intumwa! Nowa ntiyari mu vy' ubushakashatsi. Ntiyari umuntuyize yari umurimyii, aciye bugufi, yari afise Ubutumwa. Ubutumwa bwari uworoshecane ugereranije n' ibihanitse bari barize. Uko niko biri n' uyu musi! Imanayama imisi yose ibigira ivyoroshe, kugira ngo bishikire abantu bazovyizerakandi bakamwizigira. Buba butandukanye neza na neza, Ubutumwa butandukanye,Ariko Imana ya yindi nyene. Ubu nashaka ko mwo vyizera kandi mukumva yuko ImanaYabivuze.

Yesu Yaravuze ko bashinyagurije umuvugishwa waYo,Nowa. Kandi nk' uko bashinyaguruje kiriya gihe, uko niko bazobikora kandi niyoyaza. Bari gukora kuno nyene. Ico nicocatumye umwe Farawo atwarwa n' ikiyaga. Ntiyigeze amenya umusi yabayemwo.Ntiyigeze amenya ivyariko birakoreka yari yasamariye mu bikorwa vy 'ubushakashatsi, vy' igihe c' iwe kubaka ibisagara bakoresheje abakozi inyagano,yari, cane rwose yari arengewe n' ibikorwa vyinshi, bituma atamenya akaryo yariaronse, hanyuma arekura intumwa-Umuvugishwa w'Imana mu bugararwa . Ntiyamenyaivyo. Ico nico catumye ibintu bigenda uko vyagenze. Ntiyigeze abimenya. Ese iyoapfuma amenya gusa Ijambo ry' Imana rya sezeranywe, rigenewe iryo abo Bantu!

44 Kandi Ese ishengero uyu musi iyaba ryomenya Ijambo ry'Imana rituma iryo sezerano riba irya ino saha, rigenewe abantu ntibarikuranduka( guhona). Iyo Aerika yari kumenya gusa ibwirizwa shingiro yashinze,ntiyokwemeye gukura ama bibiriya mu mashure, guhagarika gushira Izina ry'Imana ku bingorongoro vy' amahera kandibagasezerana . Ubwizigirwa mu Gihugu mu guhamagara. Imana. Kimwe gusa, ntavyoizi kubera iki? N' impumyi iganda amenya. Ntimenya Amaraso y' abantu bakundwabapfuye kurugamba kugira baronke ico cubahiro. Bibagiwe, ni Umukungugu.

45 Ariko hariho Umwe avyibuka, amaraso yshesheshwe n'abavugishwa, igiciro vyasabwe vyakenewe ko gitangwa Ubu butumwa babutuzanireuwu musi. Ukuntu ibihumbi n' ibihumbibariwe n' intambwe, kandi bagatererwa mu myobo, bagahimbagurwa n' imisumeno,bagaturirwa, ba kabambwa ! Imana iravyibuka. Ishengero ryribagiye abavugishwababo. " Nti bakibakeneye na gatoya" niko bigirisha. Ariko Imana Irazi ko bikenewe ko Ibagira: Ikoresha Ijambo ryayo mu kuringanizaabantu bayo. Ariko abantu uyu musi bibwira yuko raroivyataye igihe.Ntibavyibuka nico gituma bamerewe uko kuntu bamerewe. Nico gituma " bagendaamenya, bafutanye, impumyi, abatindi, kandi ntibababimenye," kuko batazi isaha yotubayemwo ntibababibona.

46 Mosi, yamenye umusi w' iwe n' uguhamagarwa kwiwe igiheyabona isezerano ry'Ijambo ry' Imana ryaje n' uyo musi rigaragazwe. Yaciye amenya hanyuma, kandiaratahura ico yari hamwe n' ico yari akwiye gukora, kubera Ijambo rysezeranywe.Nico catumye ataba agitinya ivyo uwo ari we wese yari kuvuga. Ntiyamaramazwa n'Ubutumwa bwiwe, naho abavugabutumwa bose abafarawo bose, vyose, abategetsibose, bari batemeranya na we. Ariko yabimenye aho yobona wa Muco, ya Nkingiy'Umuriro imanutse muri cagisaka, hanyuma Imubwira Ijambo ryri rysezeranwe naweuyo musi, hanyuma Imubwira Iti: "Naguhamagaye ngo ugende kubishitsa" Ntiyatinye iterabwoba ry' Umwami yaciyeamanuka kuzana abo Bantu kugira baveyo, nk' uko Ijambo ry' Imana ryariryasezeranye.

47 Amaze kubona ico ko isezerano ryagaragajwe, yaciye ategura abantu bitegurire Ukuvayokwabo. Ryari Igihe yabonye isezerano ry' Iman rigaragajwe. Mwibuke,inyigishoziwe za tewolojiya yari yarazihunganye yahunganye n' inyigishoyaronse. Ariko aho aboneye Ijambo ry' Imana ryerekanywe, rikagaragazwa, " ND'UWO NDI WE," ntiyabaye akinegwa " ivyo uwundi wari we wese yavuga. Ntiyabayeagitinya ivyo Farawo yari ku mugirira. Ntiyabaye agitinya ivyo abasigaye bosebari kumugirira yaciye atinya Imana gusa, ko yari guhava adatahura Imana nabi,canke bikamushikira ko abitahura ukutariko Imana. Ntiyatinya abantu, hanyumaivyo bari kuvuga canke nivyo bari gukora yatinya gusa Imana, aho amariyekumenya ko ryari Ijambo ry' Imana.

48 Ntiyari gushobora gutahura ingene umuntu nkawe yarigutumwa hariya Ariko amaze kumenya kubw' Ijambo rygaragajwe, ico arico, kuvaubwo ntiyabaye agitinya amategeko ( amabwirizwa) y' umwami. Hamwe gusa, hamwetwebwe, uyu musi,twoshobora kumenya guse! Mosi yaramenye ico vyari, igiheyabona Ijambo ryagararajwe, abonye iki bigaragaza ko cari aho nk' icemezo koyari yitegiriye kuvayo kw' abantu. Yobu ntiyigeze amenya yuko vyagirwa n' Imana. Uko umurwanizi ashobora- ashobora kubiheza mu gihe kumengo amageragezwamucamwo ngo ni- ni Imana yoba…. Iriko Irabahana!yari Imana yariko irageragezakumwereka ikitntu kanaka Yobu ntiyigeze abimenya gushika aho yerekewe co kimwena Mosi, igihe Mosi yerekewe, Inkingi y' umuriro m' ugisaka, vyari bigaragajwekandi hamwe….Yobu, mu

kibanza ciwe, " Iyo umuntu yo kongera kubaho? Ndabona koigiti gipfuye, ko gisubira kuba kandi. Ndabona iyo ishurwe ripfuye, ko risubirakubaho kandi" Ico cari ikibazo ciwe " Ariko umuntu wese araryama, impwemuikamuvamwo, agatembagara aho. Abana biwe baca baza kumugandarira arikontibavyumva. Yoh, Ese wogomba kunyegeza mw' isi yabatakiriho ( mu mva). Gushikauburake bwawe buheze!" Ntiyashobora kumva igituma ishugwe ryari gupfa hanyumarikabaho kandi, ingene ibabi ryari gukoroka rivuye ku giti rikarwa hasi,rikaryama aho hasi, kandi rigasubira kugaruka kandi mw' iremba. Yavuze ati: "Umuntu aryamye hasi, hanyuma aca aja he? Ndizeye Imana, ariko ni igikigishikira umuntu ?"

Ariko rero umusi umwe imiravyo itangura ku murika,imituragaro itangura guturagara, Mpwemu aza ku muvugishwa. Hanyuma abona ukuzak'Umuntu yari kuzoshobora kurambika ikiganza ciwe k' umuntu w' umunyavyahahamwe no ku Mana Yera, hanyuma agshiraho ikiraro kibahuza uko ari babiri. Acaarasemerera ati: " Ndazi yuko umucunguzi wanje ari muzima! Naho inyo zo muruhurwanje zosangangura umubiri, ariko mu mubiri wanje nzobona Imana! Yaramenye icoari co ukuzuka.

49 Balamu ntiyigeze amenya umu marayika kugeza indogobaivugishijwe mu zindi ndimi. Balamu ntiyari kumenya ko uyo mu marayika yariahagaze mu nzira yiwe. Umukozi w' Imana yagizwe impumyi ntiyari kumenya yuko-yari Imana Ihagaze muri iyo nzira,igerageza ku muzibira ngo ntagurishe ingabire yiwe ku mahera. Hanyuma aho iyondogoba ivugiye mw' Ijwi. Umumarayika yahagaze mu nzira yiwe, agerageza ku mubuza gukora ivyo yariko arakora.

Ôo Yemwe mwa ma dini mwagizwe impumyi! Nimba Imana Ishoboragukoresha indogoba, itavuga, ngo ivuge mu rurimi rwo itazi, kugira kugiraIhishurire Umukozi w'Imana ko yahushije inzira, ntiyoshobora gukoresha umuntungo akore nk' ivyo ? Bantu mwagizwe impumyi !

50 Iyo Ahabu akamenya gusa umusi wiwe, ntiyari gucirakoiteka umuvugishwa Mikaya, yari amizaniye Ijambo ry' isezerano ry 'Imana.

Igihe Ahabu yahagarara hariya wa musi, we na Yehoshafati.Hamwe bari bafise abavugiswa amajana ane hariya, bariko baravugiswa bavugabati: " Duga! Vyose bimeze neza. Ahabu, ubayeho mu caha. Wratugize idini rininirihambaye turi abantu benshi. Turi n'igikorwa gihambaye, Turi hano, turiabaherezi, canke abavugishwa, amajana ane bahawe inyigisho. Turi abigishijweivy' Ijambo ry' Imana hamwe na tewolijiya. Turabizi vyose."

None, rero, vyarabonekanye ko atavyo bari bazi Wamuntu umwe bita umusazi, abo murunganwe rw' imbere yabo, Eliya, Umuvugishwa w'ukuri w' Imana, yari yaravugishijwe, "UKU NIKO UHORAHO AVUZE, Imbwa zizorigataamaraso yawe, Ahabu!" Murabona?

Ariko nya baherezi, abavugishwa bubaha We n' umuntu,bari bazi yuko batitunganije neza Bavuze bati: "Data Aburahamu,…canke, DataAhabu, Duga ! Umwami arikumwe nawe. Urafise icanditswe, kubera Imanayarahaye Isirayeli ico Gihu cegukira Isirayeli Genda! Umwami ari kumwe nawe." Ôo,bagenzi!

51 Ariko, murazi, Yehoshafati, Umuntu kanaka yariyarivanze n' icaha nk' uko Ahabu yari yarabigize ntiyabibona ukundi.Avuga ati: "Ntwundi Yoba ariho?"

Yavuze ati: "Tura mufise umwe, aha, ariko ndamwanka." Murabona ? Imana yarikoIrakora Iki ? Yariko Iraringniza abantu baYo, Ikoresheje Umuhanuzi kandi "Ndamwanka ntakindi yigera akora atari ukuncirako iteka umwanya uwo ariwo wose.Kandi murazi yuko Umuntu ahambaye, Sinabaye nfise ngaha iyi Seminari ihambayeiyaba ntari uwizeye ahambaye. Ndafise abantu bigishijwe, bikomeye. Nabashizeharya, ndabaha ibitabo n' ama Bibiliya n' ibindi vyose, kugira bigishe ivyokandi ndazi ko ari abantu bahambaye". Ariko iyo Ahabu akamenya gusa ako kagaboako ariko, umuntu w' umutindi umuravye, Umuhungu wa Jmla, yari ahagaze aho,avuga at: " Uku NIKO UHORAHO AGIZE.", Ntiyari gukora ikosary' akaziri nk' iryoyakoze. Ariko yciriye kw' iteka, Mikaya Ntiyigeze a…..Yoh!, Bantu, ni mumenyeigihe mubayemwo! Raba Ivyabaye, Raba ivyarivyarasezeranywe. Menya Umusi mubayemwo.

52 Uyu musi idini ry' ishengero, ese iyaba yashoborakumenya igituma ariko baracirwako iteka, kandi abanywanyi bayo bariko barahungabayavamwo, nka Isirayeli iva muri Egiputa! Ese amadini yohagarika gucirakoiteka gusa aya ma kaseti, hanyuma bakayumviriza! Namwe bakozi b'Imana, murikomurumviriza iyi bande, mwumvirize neza! Ese iyaba mwoshobora kumenya isahamubayemwo, ese iyaba mwari muzi gusa ikimenyetso c' igihe, Mwari kubona igitumaabantu bahunga aya madini. Mpwemu w' Imana Ariko Arahamagara! " Ntawushoborakuza kuri Jewe," niko Yesu Yavuze, " Data atariwe amukweze, kandi abo Data yampaye bose, muri kahise, Yampaye, bazoza".

53 Nka wa mugore muti kw' iriba, bompi n' umuherezi, Eseingene bari batandukanye! Hari canditswe kiri ku ruhome rw' uyu musi, kandibarabibona, ariko ntibabimenye.

Ese iyabaAbayahudi baramenye ikimenyetso c' Isezerano rya Mesiya wabo, nk' ukoabavugishwa bari barabivugishijwe. Malaki 3 havuga hati: "Umve, ngira ntumeIntumwa Yanje imbere Yanje, azotegura inzira." Kandi bitwa bitwa ko baramurindiriye.

Ese- ese ingene bihwanye neza ni- niivyuyumusi. Basa n' abarindiriye yuko ikintu kinaka gishika. Amashengero aring' aho yose asen ga yongera y' isonzesha, hanyuma akavuga ati : "Ubu dusenge. Tuje hamwe turzi yuko hariho ikintu gihambaye kuba ishengeroribwirizwa kwitegura." Ivyo ni vyo basengera.

54 Ivyoni vyo basengera, hariya, hanyuma Yohani Batist yaraje, kubera yanseamaseminari yabo, kubere yakora ibihushanye n' ivyo bose bari barabigishije… Yajeava mubugararwa, atamashure afise. Yaje atazinze n' ikoro, uko niko umuntu yobivuga uyu musi. Yaje atamutwaro munini afise, Ariko yashitse, azi kubw'isezerano ry' Iman ako yari aje kumenyekanisha ivy Mesiya. Yavuze ati :« Ubu Ahagaze hagati muri mwebwe » Hanyuma bibajije yuko yoba ariumusazi, kubera ntiyari aje ava mu mashure yabo. Ivyanditswe vyari kurusika,hanyuma ntibabimenya bigira ngo bararindiriye ukuza k ' uwo Muntu nk' iyo,kandi yari hagati muribo. Hanyuma ntibamumenye, naho bavuga ngo baramurindiriye.

55 Nezana neza bisa uko nyene, ni nk' Abayahudi, uko bari bameze, nk' abanyamahanga n'abo kubera vyaravugishijwe nk' ivyo nyene, nk' ivyo nyene. Bagirango baribamurindiriye. Ariko amadini nayo yo mubanyamahanga, iguhe ca Lawodikiya nineza na neza impumyi nk' uko bari bameze, kubera ( kubera iki ?)vyaravugishijwe ngo niko babonye bameze. Ivyo bibwirizwa gushika.

Ese Isirayeli, iyo bakamenya gusa icaha cabo,bari kumenya ko igihe c' uguseruka kwa Mesiya cari hafi, Iyo bakamenya !Murazi, abi- abigiswa barabibwiye Yesu « Kubera iki abanditsi bavugango ' Eliya ategerezwa kubanzakuza' ? »

Hanyuma Yesu Aravuga Ati : « Eliyayaramaze kuza, kandi ntibamumenye. Yaramaze kuza, kandi baramaze kumwica.Bakoze neza na neza ivyo ivyanditswe vya vuga yuko bari kugira.

56 Iyobakamenya gusa yuko, uyo « Apfa gukurikira », yacirako iteka ibintuvyose biteye isoni bakora, yacirako iteka ivyo bakora vyose… Yavuga ngo :« Mwa ndyadya ! Nti mutangwe ku… Mwa nzoka mu vyatsi, mwa runganwe rw' inzoka. Nindeyababwiye ngo muhunge uburake bugiye kuza ? Ntimwiyumvire muri mwebwe ngo« Dufise Data wacu Aburahamu, dufise ibi, biriya, canke abandi ».Kuko ndababwire, Imana Irashobora guhinduraaya ma buye mwo abana balAburahamu »

Ntimutangura kw' iyummvirango ko mufise ImanaMpuzamakungu hafi yanyu, kandi koamufise abanywanyi bambaye neza kurusha abandibo muri. Imana Irashobora, mu mbero zo mu nzira aha, kuvyuramwo abana kugirabashitse Ijambo : mu basambanyi, mu bakobwa mw' ibarabara, mu mborerwa, mubakinyi b' imikino y' amahera. Irashobora kibikora. Iracarari Imana.

57 Amadiniyagizwe impumyi, nk' uko Isirayeli yari yagizwa impumyi, vyompi vyagurishijweko ko bizomera uko. Ndiko ndabigereranya kugira ndabibereke, ggshika nshitsekuko ngomba gushika ko, aho. Yagizwe impumyi amadini yo mubanyamahanga, yomugihe ca Lawodikiya, yagizwe impumyi uwu musi, nk' uko bari bameze aho hamberehahise.

Igihe ca Lawodikiya casa n' icokwakoreyeUbutumwa Malaki 4 harabivuze. Ariko barindiriye iki ? « ni idiniryacu rizobitanguza kandi niyo bitava muri twebwe, Ababatista, abasPresibiteriyano, a- abas Assemlees, abas oneness, canke abandi, Ego, niyotutabitanguza, ntibizoba arivyo. » Co kimwe n' uko babigize muri cagihe ! Hanyuma yaraje kandi yaragiye, kandi ntibabimenye, naho vyashikijeIjambo ryose. Yesu Yavuze Ati : « Bakoze ivyari vyaranditswe ko barigukora. Bazokora co kimwe babigirira Umwana w 'Umuntu » Yari agiyekwankwa.

58 Ubunaho ni murabe, co kimwe ubu mu misi y' abanyamahanga, nkuko ivyanditswevyasezeranywe vyo muri Malaki 4. Hanyuma Yesu Aravuga Ati :« Ivyanditswe vyose ni ivyahumetswe, kandi nta n'agace na gatoyi kogendaukundi atari ugushitswa » Ntaburyo na bumwe bwo kubuza Ivyanditswe gushikavyose bibwirizwa gushika kandi Yesu Yavuze ko vyari kuba kandi aha turabibona.

Kugarukana » iki, muri iyi misi yanyuma ? Mwebwe Bene Data bo mu madini, umvirize ! kugarukana umusimukuru wo ku nkomoko wa pentekoti. Nkuko vyari mu ntango, ni ko uzogarukanwa,imbere yuko Inzamba z' umusi mukuru w' Abany' Isirayeli zovuga. Bitagerezwakugarukanwa ! Hategerezwa kubaho ikintu kanak aco kubikora. Malaki 4havugako hogarukanye ukwizera kwa bal se, kukazanwa k' ukwabana, Ivyashitse.

Isirayeli ikaba yaramenye Mesiya wabo,ikimenyetso ca sezeranywe, ntibabaye bakiri aho bari uyu musi. Iyo boba… Arikokubera iki batabikoze ? Birateye ikigongwe kubera iki batabikoze ?kubera Imana Yavuze ko batari kubikora. Ni bangahe bavyizeye ivyo, vuge "amen,"[Ikoraniro ubu rivuze riti : "Amen!" -Umw.]] Imana Yavuze ko batarikubikora. Kandi ni Iyo Mana mu gihe c'ishengero ry Lawodikiya, ko ibi vyobaye,kandi ehe biri imbere yabo. Mbega bashobora gukora ukundi atari kubigenza uku?

59 Eseiyo bakamenya gusa ikimenyetso ca Mesiya casezeranywe, Ikimenyetso c' Umwana w'Umuntu kandi yarabayeho yitwa izinz igihe cosec a pentekote, muri Mpemu Yera,Umwana w' Imana. Ubu ikizokurikira ni bwa bwami bw' imyaka igihumbi, Umwana waDawidi. « Abana » gatatu, Ya Mana Nyene. Yo nyene.« Data, Umwana, Mutima Mweranda w' Imana…. Umwana, Ni Ya Mana nyene mugihugu cose, neza na neza mu bikorwa bitatu bitandukanye.

Ni nk' ukonyene, "Data, Umwana na Mpwemu Yera" Si imana zitatu, ariko Imana Imwe nyeneiri mubikorwa bitatu, ibibanza bitatu vyibikorwa, ari Data, Umwana, na MpwemuYera. Ariko, co kimwe n' uno munsi, abahumishijwe n' imigenzo, nk' uko vyaribimeze kiriya gihe, abahumishijwe n' imigenzo, ntibabibona. Ni kubera ikibadashobora kubibna? Ntibazokwigera babibona. Mwibuke, ni NIKO UHORAHO AGIZE.Muvuga muti: "kubera iki muriko murabivuga". Neza na neza nk' uko Yohaniyabikoze, niko n' abandi bagize. Hari umwumwe aha canke hariya kandi babwirizwagusohorwa. Yoh, Intama z' Imana, Umwe Ijwi ry'Imana! "Intama zanje zirumva IjwiryaNje."

60 Wa mugore kw' iriba yaramenye umusi wiwe, y' isunzeIkimenyetso ca Mesiya. Vyari bimugeze habi. Ntiyari akigomba n' ugutera umwanyawiwe mu mashengero y' ico giihe yari ashaje, kugeza nk' uko babigenza. Abantubababaho uko bishakiye, n' ibintu bakora, ntiyavyizera. Ariko yari azi y' ukohariho uwari kuza umusu umwe. Uwo murushwa muto, harya, yari agiye kw' iriba.Aca abona ca Kintu yarondera. Igihe yatangura kumuhishurira amabanga yo mumutima wiwe, amubwira icaha yari abamwo. Avuga ati: "Mwami, ndabona tuko UriUmuvugishwa" vyngeye, ntibari bwigere baronka Umuvugishwa hari haheze imyakaamajana ane. Aravuga ati: "Ndabona yuko Uri Umuvugishwa. Kandi ndazi yuko ni yoMesiya yoza, Azokora nk' ibi bintu" Aravuga ati: "Ndi We".

Yaramenye. Ntakindi kibazo: "Wovyerekana gute yuko arivyo? Vyari bimaze kwerekanwa ko arivyo."Niyo Mesiya yoza azokora ibi nivyo azokora" [Mwene Data Branham akubise gatatuku gicaniro. -Umw.] None, nimba ashoboye kubimenya yisunze ivyanditswe, twehontitwoshobora kumenya imico y akagoroba n' ikimenyetso c' uyu musi. "Turaziyuko Mesiya ni yaza, azotwereka ibi bintu vyose. Nivyo azotubwira" Yavuze ati:"Ni jewe nyene turiko turavugana."

Nta kindikibazo. Yaciye agenda, hanyuma abwira abantu ati: " Ingo murabe! Ehe ng' Uyu"Ntakindi kibazo kuruhande rw' iwe. Vyari bitunganye, kuko yari amenye umusiyari abayemwo yarawumenye.

61 Na Natanayeli, Umuheburayo ahambaye, igihe yabona icokimenyetso Mesiya, cari carasezeranywe hariya; ntumbaze igitigiri c' abahereji,igitigiri c' ibindi." Mbaga hari iki? Vyarabujije amahoro abahereji, kubonaabantu babo bava mu mshengero hanuma bigira. Yavuze ati: "Hagize n' umwe womuri mwebwe aja mu gikorane Ciwe, muzocibwa. Tuzobirukana buno nyene mw'idini."

Uko niko birin' uyu musi. " Tuzobirukana mw' idini ry' acu ni mwaja mugikorane Ciwe"

Muribuka yampumyiw? Se na nyina ntibashoboye no kw' ishura; bari bafise ubwoba kubera baribaravuze bati: "Uwo ariwe wese yarikuja kuraba Yesu, cnke- canke yarikuja mubikorane vyiwe, yari gu gucibwa" Ariko, ya mpumyi yarashobora kuvuga ivyo yo: Uwohozeari impumyi yarashobora kubona muri ico gihe."

Jewe, uwahoze ari impumyi, ubu ndashoborakubona. Jewe, uwahoze atazi ibi bintu, Mpwemu Yera yarabimenyesheje. Madinirekerana, kuko bazoza, ivyo ari vyo vyose! " Ni nava mw' isi, nzokwikwegeraoabantu bose"

62 Natanayeli yarabimenye, yarawumenye.

Neza na nezank' uko ibigaragazwa vy' ivyanditswe vya Mosi vyagaragaje Ijambo. Mosiyaramenye yuko nico cari ica sezeranywe c' uwo musi, kuko vy' ari bijanye n'ivyanditswe, naho vyari bidasanzwe. Yaravuze at: Ninde nzobabwira… nzo babwirayou nabonye Umuco ino inyuma mu bugaragwa. Mbega noshobora gute kubabwira ubuko hari hariho Umuco inyuma, hanyuma ko uyu Muco wambwiye ko manuka hariya?".Iravuga Iti: " Vy' ukuri Mose, ko nzoba kumwe nawe." Kandi si gusa…

Ntiyiyerekanyeyonyene muri Egiputa, ariko gusa icishije kubitangaza n' ibimenyetso. Mugabo,igihe yabona ko bamaze kwegeranirizwa hamwe, yarabiyeretse kandi hanymaigaragaza igikorwa ca Mose imbere y' abatoranijwe n' abahamagawe ngo basohoke.Igihe uyo muvugishwa yabaringaniza bagatandukana n' iryo hanga hanyumaakabajana mu kibanza, nico Inkingi y' Umuriro yabo bakeneye kandi, no hejuru kumusozi Sinayi.

63 Bigereranye n' ivy' uyumusi. Amina! Imana Ishimwe!Bindutira ubugingo jewe. Ndatanguye gusaza, hanyuma ndabona iyi saha, aho.Ukubura indero n' ivyisoni nke vyateye igihugu, n' ibindi, Na none ngatarezaamaso inyuma ivyabaye. Umutima wanje urasimbasimba kub' umunezero, kuko menyeyuko mukanya gato, iri hema mbayemwo aha kw' isi rizosamburwa, ariko ko mfiseirindi rindindiriye hariya. Ngerageza gukwega abantu, kubaringaniza kugirandabatandukanye n' ibintu, n' ibindi,, kubasohora ngo baveyo, kuberako,nkoresheje ivyanditswe, tyuko ari Imana Ihagaze harya, n' ikigaragaza c'Inkingi y'Umuriro, iyo amajana n' ibihumbi vyabonye, kandi yafashwe imbere y'igihe, hakoresheje icuma gifotora, incuro nyishi, nk' Icemeza.

64 Abigana barahagurutse, Ni vyo, bitegerezwa kuba.Abigana barahagurutse ku musi wa Mose hanyuma bakora ibintu bimeze kumwe. Imanayaravuze Iti: "Itandukanye na bo, Mose. Ntugumire hafi yabo. Ngira ndabamire"Hanyuma isi yarabajanye. Uko niko biri uyu musi, basubiye inyuma batumbereyeneza mw' isi, kubw' integuro zo kw' ironkera amafaranga n' ibindi bindi,Murabona?

Ikimenyetso caMose, kijanye n' ivyanditswe! Yari- yari wa Muvugishwa ahambaye w' Imana, umweyari yagiye hariya kubabohora, kandi baramenye ivyo ari vyo. BaramenyeIkimenyetso. Yari isezerano rishitse rijanye n' ivyanditse, vyagaragajwe.

Yesu Yari iryosezerano ry' Ivyanditswe, ryagaragarije wa mugore. Canke, yari ya nsiguro. Yesuyari insiguro y' ivyanditswe. Ubuzima bwiWe bwasiguye ivyanditswe.

Mbega ntimubonaUbutumwa bw' igihe? Mwoshobora kumenya aho turi? Ubutumwa bwonyene, buvuye muvyanditswe, burabasigurira igihe turimwo. Ni insiguro.

65 Yesu Yabwiye Isirayeli Ati: "Ese iyo ukamenya umusiwawe" Igihe kimwe, yicaye ku musozi wa Elayoni, yareraguje avuga ati:"Yerusalemu, Ewe yerusalemu!" Yararize araraba hasi, yarabony. Si ukugerereranya,ndibaza, mu buryo kanaka. Kuri wa mugoroba, mu kindi gitondo, nk' igihe c'isaha zine, aho nabona ry' ashengero ry' imaraya. Mubwina bw' imitima yacuturumva Mpemu Yera arira. "Yerusaremu, Ewe Yerusaremu, ni kangahe nageragejekugushira musi y' Amababa Yanje. Ariko, Mbega wakoze iki? Wishe Abavugishwa bonakurungikiye warabishe." Hanyuma Ubutumwa bwarungikiwe ishengero, uyu musi,bwishwe n'imitegekere y' ishengero y'abo y' amadini Icanditswe cishwe n' imitegekere y' ishengero. Yesu Yavuze Ati:" Iyo mukamenya gusa umusu wanyu! Ariko, ubu ni kure, Igihe carengeranye ubu."Uko niko biri ku mashengero!

Ndizeye cane,n' umutima wanje wose yaramaze kurengana gucungurwa. Ntumaze ico ushakakakuvyiyumvirako, ico ni iciyumviro cawe. Iki naco ni icanje. Murabona?Ntutegerezwa kugira iciyumviro nk' icanje. Ariko nizeye yuko yamaze kurengeranagucungurwa. Ivyo, haheze imyaka itanu canke itandatu bibaye. Ndibuka, MuribukaCHIKAGO. Ibuka icabaye vyabanje kuba kirya gihe kandi ibuka nubu kiracabandanyagushika. Murabona? Ibuka, Izina ryanje rifashe kuri ico NI UKO NIKO UHORAHOAGIZE. Raba ko ritagiye rirasubira inyuma, kurushiriza.

66 Raba, mu 1933, uko vyavuzwe ku kugene abagore bokwigenjeje muri iyi misi ya nyuma uko vyari vyaravuzwe ko abantu… MUSOLINI, ukoyari kurangiza. Uko HITLER yari kugira iherezo ryo muburyo mw' ibanga. Uko yamirwi itatu yari kuvamwo komunisme. Uko ama modoka yari kuza, afise ishusho nk'igi kandi uko abagore bari kwambara inyambaro hanyuma bagasa n' abagabo, ndetseno kwambara impuzu zabo zo musi, kandi ko bari kuruhuka bambaye ikintu gisa n'amababi y' umuzabibu. Ingendo iteye isoni uko yari kw' igenza mur'iyi misi.Raba ivyo bakoze biri neza na neza imbere yanyu, none.

Ese iyo abagoreb' abakristo bagashobora gusa… abigira abagore b' abakristo bagashobora kumenyagusa, iyo bakamenya yuko impwemu y' isoni nnke iri kuri bo iva ku mugwanizi,ikabatuma bamwe imishatsi yabo, Hariho kimwe gusa cotuma bakora guryo, niumugwanizi biranyuranye n' ivyo Ijambo ry' Imana rigutegeka, nk' uko vyaribimeze mw' ishamba rya Edeni, Mbega bakoze iki? Ese iyo bakamenya gusa!Bagerageje kuvuga bati:" Yoh, ni bwa bwoko bw' umuvugabutumwa muto yitembagazahasi avuze ivyo!" si jewe. Si ndiko ndababwira ivyo mwokora. Ndiko dasubiramwoivyo Ijambo rivuga gusa. Ese iyo bakamenya gusa yuko ari umurwanizi.

67 Biyita ubwabo abakristo. Yesu Yavuze Ati: "Mbegamwonyita muti Mwami hanyuma ntimukore ibikogwa vyo mbagera?" ntiboshobra kubaabakristo.Sindi umucamanza wabo, ariko ndiko ndavuga neza na neza ivyo IjamboRyavuze. "Mbega mwoshobora kunyita ngo Mwami hanyuma kandi ntimukore ibintunabageze" kandi Ijambo Ryose ngaha ni uguhishurwa kwa Yesu Kristo "Mbegamunyitira iki Mwami?"

Ese iyobakamenya yuko ari umugwanizi, impwemu y'ivy'isoni nke. Abagore bamwebamwe bezahariya…

Ndibaza ahoniho hantu h'indero nke cane maze kubona mubuzima bwanje, I Jefersonville, muriIndiana, kubw'ivyabagore baganda gusa. Narogiye I Hollywood. Narashitse hose.Narashitse mw'isi hose, kandi narabonye imyanda y'ubwoko bwose. Narayibonye i Paris.Narayibonye mu Bwongereza ariho harengeje kurusha ahandi hose.

68 Ndibaza yuko Ubwongereza Bwotegerejwe kumanuka musiy'ibahari Burabikwiye, umwanda, gicafuye, gusubira inyuma! Ni ikinogoc'ikuburiro ry'ivyisoni nke mw'isi, gusumvya kandi barengeje mu kunyuranyan'ivyanditswe mubo maze kubona mubuzima bwanje. Ng'uko uko hobaye kubera hatayeukuri.

Billy Grahamyavuze yuko yasanze yategerezwa gukura umugore wiwe mwishamba ryororegwamwoibikoko. Ibintu vy'uguhuza ibitsina bikorerwa hagatiy'abagabo n'abagore,abahungun'abakobwa, neza na neza hanze mw, neza na neza hanze mw'ishambaryororerwamwo bikoko. Habaye ikinogo c'ikuburiro (c'ivy'isoni nke), ukon'ubufaransa niko bumeze, ukoniko n'ahandi hose hameze kandi uko niko na Letaz' unze ubumwe zabaye, yahindutse indongozi y' abandi bose.

Raba uyu musi,kubatuma bimwa umushatsi, kandi bakibwirango barizeye. Ntavyo utahura gamukobwa, canke mugore… nshaka kuvuga, maranababarira yuko ari umurwanizi? Arikoibiki….Nk' abayahudi b'aho hambere, ntimuzokwizera Ijambo rygaragajwe, kandiryerekanywe kubwanyu. Mubandanya mwumira ku migenzo y' amadini yanyu ivuga yukoivyo atangorane biteye. Muravuga mu

ndimi, mukiteragira hasi no hejurumukaririmba mu mpwemu, hanyuma mukamwa imishatsi yanyu. Gerageza mw' iyumvireumukristu w' umukobwa yoba agira nk' ivyo. Narabonyeamadayimoni, narabonyeabapfumu, narabonye bavuga mu ndimi hanyuma bakazisigura, hanyuma bakiteragirahasi no hejuru kandi bagatamba mu mpwemu, bakanywa amaraso bayanywesha agahangak' umuntu, hanyuma bakavuma Izina rya Yesu Kristo.

69 Uvuga ut: "Ndi umwe mw' ishengero. Halleluya Imanaihabwe icubahiro! Ndi…" Uri umwe muki? Ishengero ni Ijambo! Kandi Ijambo rivugariti: "Ni akamaramaza kubona ukora nk' ivyo." Mwebwe umugwi w' impumyi z'abafarisayo, mubarongorera abo bana mu muriro nk' uko kubera murajwe ishinga n'ivyo kurya, kandi ko mwahora muhindirwa hanze y' imiryango y' idini ryanyuhamwe mwohirahira mu kabivuga. Ni akamaramaza kuri mwebwe, mwa biyorobetsi mwe!Ni mumaramazwe n' ivyo. Kubona isaha iriko iregera nk' uku, hanyuma mugahindukiramw' isunze imigenzo, kure y' Imbo ry'Imana. Gute muvyubahuka, mwagizwe impumyi!

Bibiliya ntivuga yuko mwagizwe impumyi?Ntimutahura yuko mwagizwe impumyi? Bibiliya yarabivuze "Kandi mugenda amenya,abatindi, abapfutanye, impumyi, kandi ntavyo muzi" Igihe mwibwira ngo mufiseishengero rirushirije mu bunini mu gisagara, hanyuma mugakora ibi, biriya,canke ibindi, kandi Bibiliya yavuze yuko muri abakene uko mushoboye, kandi muriimpumyi. Kandi Aracahagaze ku rugi, agerageza ku rugi, agerageza ku kugurishakoumuti w' amaso, atari uku kugurishako, ariko ukuwuguha, hanyuma ntuzokwemerakuwakira. Ivyo bishitsa Ivyanditswe.

70 Ni uyuhe musi mubayemwo ga mwa bantu? Mbega Muramenyaikimenyetso?

Ese iyo bashobora gusa kubona, abo bagora, yuko ariibiva chu murwnizi ni idayimoni yo guhena, mw' izina ry' ivyidini uko nikoyamye igihe cose. Yaraje ku muvugishwa w' ariwe wese, yaraje chu munyabwengeuwo ari we wese yaraje no kuri Yesu Kristu, yigira nk' umuntu w' umunyedinikandi Bibiliya yaravuze yuko "vyobaye bisa cane, mu misi yanyuma" Gushika kubal pantekoti nabo, "kandi ko yojimijen' abatoranijwe" bo muri iryo shengerorya Pentekote, "iyaba vyoshoboka." [Agace katavuga kuri bănde. -Umw.]

"Bake" ni ko yavuze, "kuko umuryango ni mutokandi inzira iraga, kandi ariko bazoba ari bake abazoyibona kuko nk' uko vyaribimeze mu misi ya Nowa, aho imishaha munani ariyo yakize, bizoba uko nyene mukuza k' Umwana w' Umuntu." Vyiyumvire ko ! Mbega ni musi uyuhe tubayemwo?Muramenya isaha, Muramenya umusi ? Ndabatwaye umwanya mu nini, arikonsigaje iminota mikeya. Murabona?

71 Bikabatuma bamwa imishatsi yabo. Neza bavuga bati:"Ishengero ryacu ivyo ntiribiraba cane." Urazi igituma ? Ni impumyi. "Ntangorane umoye imishatsi yawe." Bibiliya Ivuga ngo ni yo ! Ndetse ni ikintuc'isoni nke kuri wewe kumwa umushatsi wawe hanyuma ndetse ugasenga. Muvugamuti: "Neza, umugore ybwirizwa kwitwikira." Kandi Bibiliya Ivuga yuko"Umushatsi" wiwe ari umwitwikiro. Atari inkofero; umushatsi wiwe.

Mbega vyari kugenda gute iyo Mose akavuga ati:"Ngira nkure inkofero yanje aho gukura inkweto ziwe." Ntivyari gukora Imanayavuze "Inkweto." Yavuze "umushatsi" si inkofero ! Imana IhabweIcubahiro ! Yashimye ivyo, si nkekeranya, Imana Ishimwe ! Ico Ivuze,ni co neza na neza Iba Ishtse kuvuga. Ivynditswe ntibishobora guhabwainsobanuro yo wishakiye. Ntirisobanurwa neza na neza kw' idini ryanyu ;risobanura neza na neza ico rivuze kandi niyo irisobanura.

72 Muvuga muti: "Ndazi umugore akora ivyo." Ivyo uzi jewe ntaco bintwaye. Jewe nzi ico Imana yabivuzeko. Kora uko mwishakiye.

Ese iyo bagashobora gusa kumenya ico ari co,bapfasoni. Hum! Ese iyo mugashobora gusa kumenya! Canke "bagore" si "bapfasoni"

Narabonye ikimenyetso, nari mvuye Iblue Boar, kw'izera ko hari kw' Ibarabara rya gatanu, hariya, mu cumba c' ubunywero bumwe,bavuga bati: "Imeza z' abapfasoni" Naciye mpagarara neza na nez aho nyenendavuga nti: "Ntayo mwahorana aho iwanyu" Nta mu pfasoni yoja ahantu nk' aho.Umugore ngirongo ariko umupfasoni ntiyogeza.

Mbega mwarabonye ko ukugwa kw' isi kw' atangujwen' ukugendera muvy'isoni nke k' umugore? Mbega murazi yuko bitegerezwa guherank' uko nyene? Kugenda mu vy' isoni nke k' umugore? Kandi ishengero rivugwa koari Umugore? Ishengero ni umugore mu mvugo y' ivy' impemu. Ishengero niumugore, tubivuze mu buryo bwa mpwemu.

Ukugendera mu vy' isoni nke kw'ishengero, ingenevyabaye! Nimwitegereze ayo mayerekwa, mwitegereze ivyo bintu vyose, muraben'ayo mayerekwa Imana Itanga, kandi iryo yerekwa ni iry'ukuri. Ng'iyi Bibiliyandayishize ku ruhande rw'ahari umutima wanje, kuri mwebwe bantu muzumviriza iyibănde; abari ng'aha murashobora kubibona. Ivyo narabibonye! ImanaMushobora vyose Irazi yukw'ar'Ukuri. Ntivyari bwamenyekane gushika none. Aring'aho ari "amenya, kandi ntavyo azi." Yariko yibera mu bihe vyiza. Ng'ivyorero. Ariko igihe uyo Mugeni muto yaseruka, vyăribitandukanye. "Alufa na Omega!" Uh-huh.

73 Umurwanizi arabikora. Ariko co kimwe na ba Bayudab'aho hambere, igihe babonye Ijambo…

Yesu na We Yabwiye abiWe, Yabwiye abigishwa biWe ati:"Nimurondere mu Vyanditswe. Mwebwe, murazi, murazazaniwe ku vyaNje n'igikorwacaNje. Nimurondere mu Vyanditswe. Muri Vyo ni ho mwibaza ko mufise UbugingoBudashira, kandi ni vyo biNshingira intahe, ni vyo bibabwira Ubumwa bwaNje ubwoari bwo. Nimba mudashobora kuNyizera, nimupfume mwizera ayo Majambo Imana IrikoIrabasobanurira."

"Ntidushaka yuko Uyo Muntu Atuganza. Turifitiyeabaherezi bacu n'ibindi." Nimukomeze rero, ivyo ni vyo bishoboye kuvugwa gusa.Hamaze kurengerana ukwo biri kwose. Murabona? Imigenzo y'ikidini ivuga yukobimeze neza, hanyuma ivyo bakavyumviriza. Bopfumye bumviriza…Mwizera i - ijambory'u - ry'umuntu kurusha ukwo mwizera Ijambo ry'Imana. Ntibatahura. Uyu munsiIshengero ntiritahura 2 Timoteyo 3. Nimba mu…

74 Ndabona bamwe muri mwebwe bafise aho bariko barandikaIvyanditswe. Rero, ivyo ni Ivyanditswe ndiko ndavuga hano. Erega, nimba hariuwushobora gushik'aho ankwegera kuri vyo, canke ikiganza canje kuri vyo,ndashobora kubereka Icanditswe kibivugako. Murabona?

Ntibatahura 2 Timoteyo 3, hamwe havuga hati: "Muminsi y'iherezo, abantu bazoba bikunda gusa, bakunda amahera, birarira, bibona,batukana, batumvira abavyeyi, intashima, abanegura ivy'Imana, badakundan'ababo, banka kwuzura, barementanya, batigarura, inkazi, badakunda ivyiza(Umugeni murabona), abaguranyi, ibirandamuke, abikakisha, bakunda ibibahimbarabakabirutisha Imana, bafise ishusho yo kwubaha Imana ariko bagahakanaubushobozi kwabwo: abameze bartyo wame ubatera ibitugu. Kuko muri boharimw'abagabo banyegetera mu mazu, bagatwara abagore batagira imitima,baremerewe n'ivyaha, batwarwa n'ukwipfuza kw'uburyo bwinshi, bama biga, arikontaho bashobora gushika ku kumenya Ukuri." Habe hamba! Ntavyo batahura, kandintan'ubwo bazobitahura. Imana Yarabivuze.

Yemwe mwa Bafarisayo b'impumyi, ivyo ntimushoborakubibona? Sinashavuye, ndiko ndinjiza umusumari gusa, ndawukomeza. Eka mberen'amashengero Ibi ntabwo abizi. Abagore ntibashobora kubitahura. Bariko bibazayuko… "Bagore b'ibipfapfa, nimuje kure y'ivyo bihimbaro vy'uburyo bwose,"Hollywood [Uruganda rw'amareresi n'imideri y'inyambaro rwo muri Amerika.-Umus.] ubwo bwoko bw'ivyo bintu vyose, imishatsi imoye, kwambara amabutura,kwiraba amarangi, ivyo bintu vyose ben'ivyo bitabereye. Mbega murazi umugoreafise uruhara runini muri iyi minsi y'iherezo?

75 Mbega murazi yuko Bibiliya yavuze yuko "Uwuzorokokamur'uku guhona kudasanzwe azoba ishami ry'akaroruhore imbere y'Uhoraho"?Umuns'umwe nzobishikako, Umwami Abishatse, kubw'ibi, kubwanyu mwebwe bagore.Nimurabe ico Imana Ivuga ku mugore azorokoka vy'ukuri uku guhona kwa kino gihe.Uvuga uti: "Yategerezwa kuba mwiza."

Ejo bundi narumvise umugore atwenga…Umukobwa,umugwi w'abagore bambaye impenereza, ba - basumbw'indero n'imbwakazi, bǎriko batwanga umugore wo mu buryo bwa kera yari yambaye imyambaromiremire. Hano hantu uhumve neza yemwe bagore bataye akaranga, afise ikintukanaka mutazi. Afise indero. Ntimunazi uwo iryo zina ryegukira. Mushobora kubamwaritaye mu nsimbizo. Ntimunazi gutandukanya ikibi n'iciza; we arabizi. Afiseikintu kanaka kinyegeje mu mutima wiwe mwebwe ata na kimwe mukiziko.Mwaragitakaje; ntimuzokwigera mugitora. Ntimumwite uwambara ivyasizwe n'ibihen'ibindi, ibintu nk'ivyo. Har'ico abiziko mwebwe mutazi. Afise mu mutima wiweubutunzi bw'urupfasoni buhishijweyo. Nta na kimwe mubiziko. Ba nyoko banyu banyuniko babareze. Umwungere banyu agaca abirek'ukwo; ivyerekana aho ahagaze. Ngirandamuvugeko ubutumwa aha nyene. Murabona? Murabona aho muri, ga mashengero?

76 Yesu Yavuze Ati: "Ibi Vyanditswe vyose bibwirizwagushitswa." Kandi birashitse.

Murabe neza: "Nk'uko Yane na Yambure barwanijeMose," azoza neza na neza, umwe muri bo. Atari none, ntariko avugaivy'Abametodiste, Ababatiste, hano; bari hanze ya kino gicapo. Murabona?"Nk'uko Yane na Yambure barwanije Mose na Aroni, ni ko na bo; umuntu yabayeigihombe mu bijanye n'Ukuri," babaye nabi mu mitegekere n'inyigishoz'ishengero, aho kuba Bibiliya.

Kandi Yane na Yambure nta kintu na kimwe bǎri bashoboye gukora Mose atoshoboye. Murabona: "Nk'uko Yambure," mbegamurabona ukuntu bibangabanganywe ng'aho?

"Nk'uko Yane na Yambure barwanije Mose, ni ko n'abobagabo bononekaye mu bwenge ku bijanye n'Ukuri bakurwanya," ntibashoborakuKugira mu kibano cabo, haba no mu gukorana na Kwo, nta na kimwe basabasanirako nakwo. Ariko havuga hati: "Ubusazi bwabo buzogaragarira abantubose." Umugeni niyafata ikiganza ciWe hanyuma akazamuka mu bicu, bizocabimenyekana, nimugire ikibazo; co kimwe nka Mose, igihe yafata abanab'Isirayeli, akabagurukana abakuye muri Egiputa, Egiputa na yo icokera mukiyaga. Neza cane.

77 Yesu Yavuze ati: "Ivyanditswe vyose vyarahumetswe,rero vyose bitegerezwa gushitswa." Igihe Ya…

Baciye baMubwira bati: "Uriko Wigira Imana."

Arababwira Ati: "Mwebwe, mu vyagezwe vyanye nyene,abo bavugishwa abo Ijambo ry'Uhoraho ryazako, mubita "imana", kandi bi cobari." Aravuga Ati: "None ni gute mushobora kuncirakw'iteka iyo Mvuze yuko NdiUmwana w'Imana? Ibi Vyanditswe vyose vyatanzwe biciye kw'ihumekerwa; vyosebitegerezwa kugaragazwa, vyose bitegerezwa gushitswa."

Murabona, aho bări impumyigusa, bari barumiye cane kw'ijambo ry'umuntu aho kwumira kw'Ijambo ry'Imana.Ico ni co gituma abagore bakor'ivyo. Ico ni co gituma abavugabutumwa bakoraivyo. Bumira ku mwepisilopi aho kwumira kuri Yesu. Muravyumiramwo, hamwen'igifovya ca - cabo c'amafaranga, ikoraniro rinini.

78 Rabagusa n'ubwo ndi rurangiranwa. Fate abantu bo hanze ya Jeffersonville, hamwen'uno mugwi muto wa hano i Jeffersonville; mufate abo hanze ya Jeffersonville,hanze ya rino hema kano gatondo, sinonaronka nakwo sinoronka na batandatu bokubwira ubutumwa. Ni iki? Agizwe n'abo mu bihugu vyose; abava i NewYork, abava muri Massachusetts, i Boston, Maine, Tennessee, Georgia, Alabama,hose mu gihugu. Bariko barakoranira hamwe! Amen! Ico ni co Yavuze. "Mu gihec'akagoroba hazobaho Umuco."

Ntibashobora kumenya uwo Muco w'akagoroba. Iyo niyo ngorane ihari. Ntawe azi. Ni impumyi gusa. Bibiliya yavuze yuko ari ko yari.

79 Uburusiyani bwo bwonyene bwamaze kuronka ikibanza cabwo mw'isi, mu bushakashatsi, ntamyaka irenga nka mirongwine iheze. Murazi igihe Intambara ya Mbere y'Isiyatangura, ntibigeze…Uburusiya babushira ku ruhande. Mwene Data Roy…Wari umugwiw'ibitazi, ba Banyasiberiya bakomeye ba kera, b'ivyanwa vyuzuye mu maso, ntibări banazi gutandukanya ukuboko kw'i buryo n'ukw'ibumoso. Ukwo ni ukuri, ariko Uburusiya bwaramenye ikibanza cabwo. Bwategerezwakubikora kugira Ivyanditswe bishike. Murazi ubuvugishwa bwanje bw'ivyo narinavuze yuko vyoshitse, ukuntu bose bokoranije mu gikomista. Ubu rero burongoyeisi mu bushakashatsi. Turacari inyuma yabwo. Isi yose iracari inyuma yabwo.Burongoye mu kibanza cabwo. Bwaramenye yuko babwo bwari bufise ubwenge.

Murabe neza, umuntu afise za nziranyumviro zitandatu nk'izo yar'afise mu myakaibihumbi bitandatu iheze. Imyaka ibihumbi bitandatu iheze, hamwe na zanziranyumviro yar'afise, yarakorera ku cicaro ciwe co kw'isi akanakorera Imana.None ubu, mu myaka mirongwirindwi n'itanu iheze, yavuye ku rugero rw'imodokay'ifarasi ashikira ikigendajuru. Kuber'iki? Yakuye ukwizera kwiwe mu Mana,ahindukirira inziranyumviro ziwe n'ubushobozi bwiwe nk'ikiremwamuntu. Mbegamwari mubizi? Yarahevye kwizera Imana. Ariyizera.

80 Ninka wa mugore w'umuhe. Mbega harya yitwa gute, ga Washington, umwe yahinduraibi vyose? [Umuntu umwe avuze: "Murray." -Umw.] Izina ryiwe n'irihe?["Murray."] Murray, yavuze ati: "Igihe cose tugifise igisirikare n'amatoy'intambara, ntidukeneye uwo Yehova wa kera." Uh-Huh. Sinitayeho ivyo tumazekuronka.

Kuri jewe ni Yehova canke ubusa. Hinge ibisirikaren'amato y'intambara bizame, kandi bizozama, ariko Yehova Azohoraho ibihe vyose.Igihe cose ndi agace ko muri We, nkaba umwana wiWe, nzohoraho hamwe na We ibihevyose; bidaciye ku muhamagaro wanje canke ku guhitamwo kwanje, ariko kuguhitamwo kwiWe. Amen, amen. Ntaco mfise co kubikorako. Ni We Wenyene! Ni Abeari We mumpa canke mumpe urupfu. Hinge amahanga ahaguruke yongere akomvomvoke;Yehova We Azohoraho. Yarabikoze ukw'ibihe vyose vyagiye bikurikirana; igihe Romayakomvomvoka, igihe Egiputa yakomvomvoka, n'ayandi yose agakomvomvoka. YehovaWe Yagumye ari Yehova. Ôo, haleluya! Numva ninjiye muri Mpwemu.

Ni co gituma Uburusiya butahuye ico bwăriburi, bwarabikoze. Nka kurya Abisirayeli bategerezwa gushika mu gihugu ciwabo.Imana Yategerezwa kurongora Abisirayeli Ibajana mu gihugu ciwabo, kubw'Inzamba.Ni kwo Imana Itegerezwa kurongora Uburusiya hariya, mu vy'Igikominista,bugakora neza na neza ico ivyavugishijwe ko bwokoze.

81 Umuntu hamwe n'inziranyumviro ziwe zitandatu yarajeashika ku modoka y'ifarasi, yizeye Imana. Mu myaka mirongwirindwi n'itanuiheze, yarahevye kwizera Imana. Igihe batera imikono kw'Ibwirizwashingirory'izi Leta Zunze Ubumwe, bări bashize Imana muri buri kintu cose băkora.Non'ubu nta bikorane bakigira, wanashaka nta n'ubwo bakivuga Izina ryaYo. Ukwon'ukuri. Bishimiye ubuhambazi bw'ubushakashatsi bwabo, bo, bishimiye ubwengebw'ubushakashatsi bwabo, umugwi w'abazigirijwe n'ivyipfuzo vy'umubiri. Ni vyoneza na neza. Isi yose iriko irayongoberezwa mu kutamenya Bibiliya. Bi…Isi yoseyateye ibitugu Imana.

Ariko mwibaze, neza na neza hagati y'ibi bintu vyose, hamwen'amadini y'amashengero be n'amaseminari yabo y'abatay'akaranga n'ibindi, ImanaYakoresheje Ijambo ry'abavugishwa naYo maze Yicongera Umugeni azokwizera. Yavuzeyuko Yobikoze. Yaramumatuye Imukura mur'ivyo bintu, ico Yari Yarasezeranye koYokoze.

179Bishimira ubwenge bwabo bwa kimuntu, ubushakashatsi bwabo bwa kimuntu, n'ibindi;basiga

Imana hanze, Iyo bahoze bizigiye. Leta Zunze Ubumwe zasize Imana hanze. BaraYiteyeibitugu no mu mashure, kubera abana bacu bato ntibashoboye no kwumva ivyaYo. Barayiteyeibitugu mu mashure. Ubu bariko bagerageza kuYikura ku madollare: "Imana ni Yotwizigiye." Bagiye no kuYikura mu nsobanuro y'ibendera: "Ihanga rimwe musiy'Imana." Ivyo bagiye kubikuramwo.

82 Murabona, bakurikiye inyiyumvo zabo n'inziranyumvirozabo. Kubera, mu myaka mirongwirindwi n'itanu iheze, nta gace na gato kahindutsemu nziranyumviro ziwe, aracari wa muntu nyene Imana Yarema mu ntango.

Ariko mur'ino minsi y'iherezo, murashobora kumenya ahotugeze? Noneho n'ishengero naryo ryateye ibitugu Imana, rihindukirira ivyo,rihindukirira amaseminari n'ivyo kumenya, n'ibindi, aho kuba Ijambo. NtibakinaYizimu bikorane vyabo, mu mashure yabo, habe no mu kindi kintu na kimwe.

Abisirayeli, mu myaka mirongwirindwi n'itanuiheze, baramenye ikintu kanaka cabagarukanye mu gihugu cabo, nk'uko vyarivyarasezeranywe. Ntibazi ukuntu vyanagenze. Baracumukuye hafi nko mu bintuvyose, baricwa bazira ukwizera kwabo, musi ya za Nzamba, ariko ubu bari mugihugu cabo. Ntibazi igituma.

83 Kubera iki Uburusiya bwikanguye? Kuber'iki amahangayikanguye? Kuber'iki umuntu har'ibintu yashitseko? Abashakashatsi mu myakaamajana atatu iheze, umushakashatsi w'Umufaransa yarazungurukishije akabumbu isiku muvuduko kanaka, hanyuma aca aremeza yisunze ubushakashatsi yuko "hamweumuntu ashikanye umuvuduko wa mayili mirongwitatu [ibilometero 50] kw'isaha,ubushobozi bwo kuguma hamwe bwoduga hejuru y'isi hisunzwe uburemere bwiwe,hisunzwe n'uburemere bw'akabumbu". Noneho ubu agira mayili ibihumbi cumin'indwi kw'isaha [ibilometero 27 000], murabona, kandi aracarondera kwongerezaumuvuduko. Ivyo yabigunduye ubushize. Kuber'iki? Bitegerezwa kugend'ukwo.

Erega, aho hambere ishengero ryahora rihagarara kugitandara Yesu Kristo. Ico umuntu wese yovuze ntaco caba kivuze, bǎgumananeza ne neza na rino Jambo, ubutumwa bw'igihe; Luther, Wesley, kubandanyakumanuka mu bihe hiyo. None ubu bahindukiriye imigenzo. Kuber'iki vyagenzeukwo?

Haraheze imyaka mirongwibiri n'itanu, Abisirayelibaramenye yuko bari mu gihugu cabo kubw'ikintu kanaka. Vyari vyaravugishijwe yukobotegerejwe kwongera gukoranira hamwe; Hoseya yarabivuze. Turabisoma mu kanya. ImanaIdufashe kubitahura! Neza cane.

84 Mur'ico gihe nyene, Umugeni yaramenye Umucow'akagoroba, ni ho yatangura kubimenya. Inzara ya Gipentekote yari yatanguyekumenya yuko ayo madini atar'afise na kimwe mu vyo bariko bararondera, yaratayeumurongo yongera aracanacanamwo. Murabona, ni igihe co kumenya, kumenya. Mutegerezwakumenya.

Isi yaramenye. Amahanga yaramenye. Ubushakashatsibwaramenye. Umurwanizi yaramenye yuko ari co gihe c'aho ashobora kwononaabagore, agasambura ishengero, akonona abantu. Yarabimenye.

Imana na Yo nyene Yaramenye yuko hariho abantu kw'isiYatoranirije Ubugingo. Yaramenye yuko iki ari co gihe co kurungika UbutumwabwaYo. Yarabikoze. Abantu baraBumenye, igihe c'Umugeni caramenye Umucow'akagoroba.

Iyo Sodomu iza kuba yaramenye iminsi yayo, igiheyabona za ntwarabutumwa zamanukayo, nka Billy Graham na Oral Roberts!

85 Rero, har'umuntu umwe yononekaye mu ngeso hariya muriPhoenix yagiye avuga ngo…yavugije agec k'i - k'ibǎnde, hanyuma aca avuga ngonavuze ng'aho nti: "Ntegerezwa kubatizwa mw'Izina rya Yesu," ni ko yavuze. Yongeraagir'ati: "Rero murabona hano, ng'ahayavuze…" Igihe nariko mvuga kuri Afrika, ingene babatiza gatatu mu maso ari hoharaba mu mazi, hanyuma bakabatiza ubugarame. Yavuze yuko navuzengo "Ntaco bitandukaniyeko." Murabona, ntiyigeze yumvira ibǎnde yose; yavugije agace gusa, hanyuma aca aragakata.

Kandiivyo, birashobora kuvamwo igihano co gupfungwa, ukoze ibintu nk'ivyo. Hariho amategekoakingira aya mabǎnde. Ntan'ubwe ashobora kugira ico ayahinduyeko. Vyokubera vyiza utabikoze. Mu - mu -murafise amategeko iwanyu. Ariko twobikora? Oya. Yavuze ati: "Bareke." ImanaYarambwiye ibigiye gushika. Mwitegereze gusa, uwo muntu mumugumizeko ijisho. Murabona?

86 Icogihe nyene, Umugeni yaramenye Umuco w'akagoroba.

Ese iyo Sodomu iza kuba yaramenye igihe cayo!

Rero, uwu ni nya muntu nyene yongerako kw'ibǎnde,yaravuze ati: "Nimurabe ng'aha, mwebwe bantu b'Abapentekote," avuga ati: "HamweBabatiste. Uyu mugabo, umuvugishwa w'ikinyoma, William Branham," murabona,"yavuze yuko Oral Roberts na Billy Graham bǎri muri Sodomu." Murabona,hanyuma aca akata ako gace k'ibǎnde; nta bindi, murabona.

Ntiyabandanije avuga yuko "Băriintwarabutumwa kuri Sodomu." Atari muri Sodomu: "Bărihariya nk'intwarabutumwa kuri Sodomu." Umwe wese arazi yuko ivyo ari vyonavuze. Nimwumvirize ibănde yanyu. "Uwo wese azokurako canke akongerako, ivyo nyenebizomukurwako." Ni Ijambo ry'Uhoraho. Rihagaze gurtyo.

87 "Iyo Sodomu iza kuba yaramenye intwarabutumwa zayo,iba igihagaze na bugingo n'ubu," ni ko Yesu Yavuze, iyo iza kuba yaramenyebimwe Aburahamu yamenya.

Aburahamu yaramenye yuko hărihoumwana yasezeranywe yar'agiye kuza. Yamara kandi yaramenye yuko yategerezwakubanza guhindurwa ukuntu kanaka, kubera yari yaramaze kugera mu za bukuru, ekambere na Sara. Ariko igihe yabona Umwe Yar'ashoboye gusuzuma ivyiyumviro vyaSara inyuma yiWe, yaciye amenya igihe yar'abayemwo. Yavuze ati: "Mwami wanje,hinge simbane utuzi, noze ibirenge vyaWe." Baca bafungura igipande c'umutsima."Hinge ndaMusabe, tugumane akandi kanya," murabona hano, "M-w-a-m-i wanje," M-w-a-m-in'urudome rukuru, "Elohim." Yaramenye yuko Imana Yariko Ivugana na we mu mubiriw'umuntu. Yaramenye ikimenyetso ciwe, n'uko ahezagirwa n'Uhoraho.

Sodomu ntiyamenye igihe cayo, n'uko ic'iratokombera. YesuYavuze Ati: "Nk'uko vyari biri muri kirya, ni ko bizomera igihe Umwanaw'Imana…nakwo Umwana w'Umuntu Azoba Agaragajwe."

88 Rero, ishengero ntiryamenye umunsi waryo. Nk'ukoIsirayeli yagoberewe gusubira muri Palestina, igihe kugobererwa kwinjira muNama y'Isi y'Amashengero. Kuber'iki? Ntiyamenye umunsi wayo. "Bantu, nimuveiwe, kugira mwoye gufatanya n'ivyaha vyiwe!" Nimukize amagara yanyu, cankemuzofatwe na ca kimenyetso c'igikoko maze ntimube mugifise ico mubihindurako.

"Uwandura nashishikare yandure. Uwejejwe," atari uwuzoba yejejwe, "uwejejwe muri kubu. Uwejejwe,"atari imo…atari umugore w'imishatsi imoye; ntashobora kumer'artyo. Rero ivyovyumvikana nk'ibibabaza, ariko ni Ivyanditswe. Bibiliya ivuga iti: "Abaasuzuguye umutwe wiwe," kandi umutwe wiwe ni umugabo wiwe. Umutwe wiwe niKristo, rero aba asuzuguye Kristo. Ni gute ashobora kuba "uwusuzugura" hanyumantabe ari "uwanduye"? "Uwumoye imishatsi nashishikare ayimwa. Uwambaraamabutura nashishikare ayambare. Uwuhakana Ijambo nashishikare aRihakana."

"Ariko uwejejwe nashishikare yezwe. Uwugororotsenashishikare agororoke; Ijambo ry'Imana rigororotse, Umwana w'ImanaYagaragajwe. Uwejejwe nashishikare yzwe, uwugororotse nashishikare agororoke!"Egome mushingantahe! Iminsi Atari…

Ishengero ntiryamenye umunsi waryo.

89 Nka Isirayeli, hariya mu gihugu c'isezerano, ntiyamenyeingene yasubiyeyo. Yasubijweyo mu buryo bwikora. Kuber'iki? Ububasha bw'ibihugubwarayishize mu kibanza cayo.

Kano kanya ngiye kuvuga ikintu kanaka. Ububashabw'ibihugu nib wo bwayisubije mu gihegu cayo; ububasha bw'ibihugu nibwo buzokwinjizaishengero mu Nama y'Isi y'Amashengero; ariko ububasha bw'Imana nib wobuzokwinjiza abantu mu Mugeni. Ububasha bw'isi kur'uru ruhande, ububasha bw'isikur'uru rundi ruhande, ariko ububasha bw'Imana hejuru. Mpwemu w'Imana, ari naWe Jambo ry'Imana, "Ijambo ryaNje ni Impwemu n'Ubugingo," Azosushira Umugeni mukibanza ciwe. Kubera, yaramenye ikibanza ciwe mw'Ijambo, yuko ari muri Kristo, bizomushiramu kibanza ciwe. Nta bubasha na bumwe bw'ibihugu buzobikora. Ariko ububashabw'ibihugu bwashikanye Isirayeli mu gihugu cayo; ubwo bubasha nyene bw'Imanay'Amashsngero buzoshikana n'amadini muri yo; yamara ubushobozi bw'Imana buzocabuterura Umugeni bumujane mu Buninahazwa, hanze y'ivyo.

Ôo, bantu, nimumenye igihe canyu, nk'uko YesuYababuriye; ikimenyetso ca Sodomu, hamwe n'ukw'amashengero ameze mur'iki gihe.

90 Nimwitegereze ivyo Yavuze ko vyoshitse mur'iki gihec'iherezo. Muvyumve neza mu bwitonzi ntangere. Ikimenyetso ca Sodomu coshitsemu gihe c'iherezo; ikimenyetso nka Aburahamu, kirya gihe imbere ya Sodomu, weyari yahamagariwe gusohoka. Ivyo bintu vyose vyari vyaravugishijwe, bizoshikamur'iki gihe. Nimwitegereze igihe mubayemwo. Twarabivuzeko kenshi gashoboka.

Rero, Yari Yaradusezeraniye kurungika Umuco womw'Ijuru, kweza Imbuto y'Ijambo yobaye yarabibwe kubwa kino gihe. Imbuto iriHano. Imbuto ni Bibiliya. Kuber'iki? Ni Yesu Yabivuze. "Imbuto umubivyi yabivyeni Ijambo."

Kandi rero, imbere yuko ushobora kuronka umwimbu,n'ubwo uba warateye imbuto, hategerezwa kuboneka umuco kugira weze izo mbuto,atar'ukwo zizoca zibora kandi nta kizovamwo; zizoca zihona. Ariko nimba ariimbuto ziri mw'ivu, ivu ryiza, hamwe n'izuba ryiza kuri zo, zizokwera.

Rero Yarasezeranye yuko mu gihe c'iherezo, mu gihec'akagoroba, yuko Umwana Yoje kweza iyo Mbuto. Imbuto iriko irigishwa. Umwanaw'Imana Ariko Areza iyo Mbuto, mu kuYemeza, Ayizerura imbere yanyu Yemeza yukoari iy'ukuri. Ivyo mwabicakiye? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." -Umw.]

Nimumenyeumunsi wanyu.

Ndiko ndarangiza. Igihe co kurangiza kirageze.

91 Aba Banyalawodikiya batunze, bahumye, bize botegerejwegukura Ijambo hagati yabo. Mbega bărabikoze? [Ikoranirorivuze riti: "Amen." -Umw.] Yaravuze yuko bobikoze.

Nka ba bavugishwa b'aho hambere barungikwa kwemezaIjambo ryasezeranywe ry'igihe cabo, ni ko n'abantu băbabaratoranijwe mu gihe cabo băRibona. Ni nkia wa mugore kw'iriba, nka Natani, nka yampumyi Baruteremayo, nka Petero, hamwe n'abo bandi bose bo muri bo baRimenye. NiWe Yari iryo Jambo. Kandi umwimbu n'uyu: "Nimba Ntakora ibikorwa DataYasezeranye yuko Nokoze, aho rero ntimuNyizere. Ariko ivyo bikorwa nimbaNdabikora, yamara mukaba mudashaka no kuNyizera, nimupfume mwizera ibikorwavyovyo. Ni vyo bibabwira Uwo Ndi We." Mwabicakiye? Neza cane, ntimuhushe igihe,n'icarungitswe. Abagabo n'abagore b'ivyo bihe bindi baraRimenye, bacabaRyinjiramwo baba impore.

Yemwe Bapentekote, ôo bagenzi, kuki mutamenyaumunsi wanyu? Nimumenye umunsi w'igihe c'akagoroba. Bir'aha, bir'aha, kugira vyemezeUkuza kwa Kristo, kugira bivyemeze. Turi kw'iherezo. Ni mumenye umunsi wanyu.

92 Nimurabe aho ibintu vyose bigeze: Isirayeli; ahoishengero riri; aho uguta akaranga kugeze; aho Umugeni ahagaze. Hasigay'iki? Igikurikira,ni Izamurwa ry'Umugeni. Nta nkeka, buri shengero ririko rirondera ibintubihambaye. Abapentekote bavuga bati: "Imana Ihabwe icubahiro! Hazoba igihe ahobazokora ibi, bagiye gukora birya." Murabona, ni abătura.Barizera.

Ni nk'igihe kimwe, Kayafa yavuze ati: Mbegantibibereye yuko umuntu umwe apfa, hako ihanga ryose rihona?" Yari umuherezimukuri, Bibiliya iravuga igituma yavuze ivyo. Yaravugishijwe, atazi ivyoarikw'aravuga. Yamara, burya yar'azi ukuri nyakwo kwavyo, yuko yariko aratangaya Mana nyene yavuga yuko abereye umuherezi mukuru? Ni ko bimeze n'uyu munsi!Bariko baraba ahantu kanaka hiyo hakurya, ku gi - gihe gihambaye kizoza.

93 Erega mpora nja mu bikorane vy'Abadandaza njanye nabo.Bavuga bati: "Ubwiza ku Mana!" Abo bavugabutumwa bagaca bashwabadura amasinzi,bakavuga bati: "Hagiye kuza ikanguro rikomeye cane. Ikiganza c'Uhoraho kigiyekuba kw'isi!" Ese ukuntu abantu baca baja narwo, bagatangura kwiruka nk'i… Ntibamenyeyuko biri musi y'Inzamba kubwa Isirayeli. Kuber'iki babikora? Ni kubera ariabatura ko ari Abakristo, yamara ntavyo bazi. Co kimwe na Kayafa atar'azi ivyoyarikw'arakora. Kandi ntibanazi yuko bariko barashibura Ubutumwa nyenebwabarungikiwe. Amen!

Umugabane wose w'Icanditswe, twarabivuzeko umunsiku wunsi, iyinga ku rindi, gushik'aho biba Ukuri ntaharirizwa. "Nimba impumyiidashobora kuKwakira," ni ko Yesu Yavuze, "nimubareke. Impumyi irôngōye impumyi, zose zirwa mu kinogo." Sinzi ngo ni ryari, sinzi ngo ni hehe, arikondazi biriko biraza.

94 Murazi, ndabona igituma Satani atăshātseyuko nkora bino. Ejo hahise, nariyumvise nabi cane. Sinashobora kuronka Ijamborivuye k'Uhoraho. Narakoze ukwo nshoboye kwose, ariko ntaco nashikako. Ni homur'aka gatondo, igihe navyuka…Narafunguye ibigori kanaka, ejo hahise, bicabisa nk'aho vyagumye mu mushishito. Nari ndwaye cane, si - sinashoborakubitahura. Niho nibaza nti: "Ni igiki kitagenda neza? Ngira manuke hariya, arikosinzi ico nza kuvuga. Kandi, Mwami, sinshobora no kuronka Icanditswe muvyiyumviro vyanje, kugira ndacandike ahantu. Nta kintu ndiko ndaronka."Sinarinzi ico ndi bukore.

Hanyuma,Ubutumwa butanguye kunzako, Satani aca aguma ambwira ngo: "Wiyumva nabi cane.Umutwe wawe uriko urameneka. Urarwaye. Ntushobora kumanukayo. Bigiye kugenda gurtya, bice bigenda kuriya."

95 Ndibutse, harabaye inkuru y'umusore akiri muto mu Bwongereza.Yari umuntu asanzwe gusa. Kandi bavuga yuko uwo mwa - mwa - mwami, umwe bami bomw'isi yar'agise mu - mu kirimba ciwe. Hanyuma, ntiyar'afise n'umwe…yar'afiseubutumwa yashaka gushikiriza, ubutumwa bwihuta, kuber'umwansi. Niho ya - ya -yabwira umugenzi wiwe yar'ahagaze ng'aho ati: "Fata ubu butumwa, fata ubu butumwa!Nyaragasa ugenda ahantu kanaka - ahantu kanaka, ubategeke bakore ibi." Yongerakoati: "Akira inkoni yanje abe ari yo ugenda ujanye. Ivyo biraza kukwemeze yukoari jewe…yuko warungitswe na jewe."

Aca ayishira musi y'umutamana wiwe, aragenda. Abarinzibaguma bamuhagarika, umuntu wese. Na we asemerera ati: "Ni mumbise! Mfiseubutumwa bw'umwami." Amen. "Ndi intwarabutumwa y'umwami," ijambo ryemejwe.

Ndabwira nti: "Satani, mv'imbere! Mfise Ubutmwa bw'Umwami. Ntegerezwa kugenda."

96 Igihekimwe, igihe bica Umwami w'Amahoro, bakamushira mu mva, maze imva yiWebakayidomako ishashara, urupfu rwamugumije iminsi itatu n'amajoro atatu. Arikomu gitondo ca Pasika Yar'Afise inkoni ya cami mu kiganza ciWe, Aca Arasemereraati: "Rupfu we, Mv'imbere! Wa mva we, Mv'imbere! Uguruka! Ni Jewe Mwamiw'Ubutumwa. Ntegerezwa kuza kugira nemeze iri zuka. Ni Jewe kuzuka n'Ubugingo."Haleluya!

Numva niyumva neza cane kano kanya.

NiWe Mwami w'Ubutumwa. Ni muze tuBumenye, bagenzi, kubera duhamagarirwagukoranira hamwe kw'ijwi ry'Inzamba. “Kukw'Inzamba y'Umwami niyavuga, nta gihekizoba kigisigaye.”

Yarakoranije Isirayeli. Iminsi itatu, mu munsi ugira gatatu Yavuze yukoYobikoze. Imyaka ibihumbi bibiri n'amajana indwi yarahaciye. Mur'uwo munsiYavuze yuko Yobakoranirije hamwe, none Yarabikoze. Yavuze yuko Yomenyekanishijeinzira y'Ubugingo. Ng'ivyo rero, barindiriye gusa yuko Umugeni ava mu nzirakugira bashobore kuza, ba bavugishwa babiri, ba bavugishwa b'Abaheburayo, bazobamenya.

97 Muribukaigihe nari ndi i Kayiro, ndiko ntera nyayo hariya, igihe Lewi Pethrus yavugaati: “Mwene Data Branham, hamwe gusa bobona ivyo…Barizera abavugishwa babo.”

Nca mvuga nti: “Ni ikintu ciza kuri jewe.” Murabona ukuntu umuntu ameze? Yamaramurabona ubuntu bw'Imana? Mvuga nti: “Nzosoma rino Sezerano Rishasha.”Bararisoma. Lewi Pethrus yarabarungikiye Bibiliya zirenga umuliyoni hariya,mwene Data Lewi Pethrus ava muri Suwede. Bategerezwa kuba barisoma, baragendabakongera bakagaruka hariya, abo Bayuda; atari nk'uyu mugwi wa none w'Abayuda,ariko mu gihugu cabo. Maze agarutse, yavuze ati: “Nimba uyu ari we Mesiya,nitumubone akoze ikimenyetso c'umuvugishwa, tuca tuvyizera.”

Lewi Pethrus aravuga ati: “Mwene Data Branham. Harihoakaryo. Harabonetse akaryo.” Hariho umuntu yigeze kumbwira yuko ivyo - ivyokoba ari akaryo. Nca ndabishira ku mutima ako kanya nyene.

Haca haza umuntu umwe yicara ng'aho, mwene DataArganbright aravuga ati: “Mwene Data Branham, ivyo vyoca bibakanguraAbisirayeli! Bazane imbere yavyo, ubereke ikimenyetso c'umuvugishwa. Bazocabavyizera.”

Nca mvuga nti: “Mwami, ndi hano, nditeguye.” Ncansimbira mu ndege; ndarondera amahera ngura itike; nururukira i Kayiro. Ndavuganti: “Emwe, nditeguye.”

Mpwemu Yera Aca Ambwira Ati: “Ico si ikibanzacawe. Ico si igihe cawe.” Murabone, ubandanije uba wijanye. Nca ndiyumvira nti:“Mbega yemwe! Naje marimari no ng'aha; Ngi - ngira nibandanirize.”

Ikintu kanaka gica kimbwira giti: “Nturenge ng'aho! Ntujane iyo nzira. Hindukiraugane mu Buhindi. Ntuje hariya. Ja mu Buhindi, kimwe gusa ntuhirahire ng'ujehariya.”

98 Ndiyumvira nti: “Kuber'iki” Mu gihe narikondagendagenda hanze inyuma y'ihangare, naciye mvuga nti: “Mwami Yesu, ibibisobanura iki?”

Niho Yaca Abimenyesha. “SiUmunyamahanga. Ni abo bavugsihwa.” Bitegerezwa guhura n'Ivyanditswe. “Eliya naMose bategerezwa kuza.” Kandi n'icongeweko, Umugeni ntarakurwa mu nzira. “Abobavugishwa bazogaruka bakore ikimenyetso c'umuvugishwa.” Ico ni Icanditswe. Ahovyose bizoba bishitse, mu buryo butunganye, Isirayeli nk'ihanga izovukiraumunsi umwe. Amen! Ku kagoroba Imico izokayangana.

Mugihe c'akagoroba hazobaho Umuco,

Ntankeka inzira ija mu Bwiza muzoyimenya,

Inziray'amazi, ni wo Muco w'ubu,

Guhambwamw'Izina ry'igiciro rya Yesu.

Abato,abakuze, ni mwihane ivyaha vyanyu vyose,

Ntankeka Mpwemu Yera azobinjiramwo'

Umucowo ku kagoroba waje:

Si ivyimbeshere yuko Imana na Kristo ari Umwe.

99 Tugeze kw'iherezo mugenzi. Kandi turiko turiyumvirakur'iyi ndirimbo y'umwanditsi yahumekewe, igihe yavuga ati:

Amahanga ariko arashwanyagurika (iyi harahezenk'imyaka mirongwitanu), Isirayeli yavyutse,

Ibimenyetso abavugishwa bahanuye;

Iminsi y'Abanyamahanga yaharuwe, (nimwitegereze ubucafubwiwe) yuzuye amaganya;

Garuka iwanyu, Ô yemwe abasabagiye.

Umunsi w'Ugucungurwa uri hafi,

Imitima y'abantu iriko irashongeshwa n'ubwoba;

Niwuzure Mpwemu w'Imana, hamwe n'itara ryawe risukuyekandi ryaka,

Ni murangamize, ugucungurwa kwanyu kuregereje. (Ukwoni ukuri.)

Abavugishwa b'ibinyoma bariko barabesha, bahakanaUkuri kw'Imana, (mbega ivyo si ukuri?)

Yesu Kristo ni we Mana yacu.

Ivyo ntavyo bizera. Bafise ubwoko bwose bw'imyizereren'ibindi!...?...ukuri. Ariko wa muvugishwa yavuze ati…nakwo wa mwanditsiyahumekewe yavuze ati:

Tuzogendera mu makanda y'intumwa.

100 Muribuka muri rya yerekwa ryanje? Navuze nti: "Abantuba Paulo ni binjira, n'abanje bazinjira, kubera nakoze neza na neza nka we." Ngumananavyo neza na neza.

Abo bantu amamiliyoni baciye bazamura ibiganza, bavugabati: "Ivyo ni vyo turuhukiyeko!"

Iki? Nimumenye umunsi tubayemwo, igihe tubayemwo,ikimenyetso c'igihe tubayemwo. Hashobora kuba hararengeranye kurusha ukwotuvyibaza. Umwe mur'iyi minsi, uwuri hanze azoguma hanze. Uwuri imbereazotegerezwa kuguma imbere ibihe vyose. Umuryango uzokwugarwa.

Nimba hari umuntu hano kano gatondo atarigera awugenderamwo,ôo, mw'Izina rya Yesu, bantu banje bakundwa…

Ntimuhange amaso n'uno musavyi ahagaze ng'aha, atize,ata mashure afise, ataminuje; ivyo ntibibe ari vyo muraba. Ariko nimuhangeamaso kw'Ijambo ririko riragaragazwa. Nimuhange amaso kur'Umwe Mpwemu YeraAhambaye We ariko araryemeza yuko ari Ukuri. Turi mu gihe c'akagoroba. Hararengeranyekurusha ukwo muvyibaza. Ntimu…

101 Bagore, ni mureke imishatsi yanyu ikure. Mushikanje,ndakwinginze reka izo z'urushirasoni. Ayo matabi ni muyashiburire kure. Kuberaigihe kizoza c'aho "Uwandura azoshishikara yandure; uwugororotse ashishireagororotse. Uwuri imbere ashishikare ari imbere; uwuri hanze ashishikara arihanze." Ka kantu gato ko ku ruhande: "Nimba umugororotsi akizwa agarukiye kumanga, utubaha Imana n'umunyavyaha bazoboneka hehe? Bamwe bahakana ukuri,murazi, "bazoboneka hehe?"

Reka twunamike imitwe yacu.

Kano kanya, mur'uyu Muco wa kino gihe tubayemwo,Umuco wa kino gihe tubayemwo; yemwe bakundwa b'igiciro, mwebwe muva mu maretaatandukanye y'iki gihugu, reka twese, mwebwe nanje, kur'iki gicaniro, ni muze twirîmbūre.Mpwemu w'Imana mu mitima yacu Ameze gute uyu munsi? Mwibuke, ni Mpwemuadacirwakw'iteka kandi atandura; inyigisho yose y'ishengero, n'ibindi vyose,vyabaye akaheze burundu.

102 Ntiwonunahuka kugerageza kwongera kur'Iri canke kuRikurako.Kuko, hamwe ugerageje gushiramwo insobanuro kuri Ryo, wewe ubwawe, umugabanewawe uba ukuye mu Gitabu c'Ubugingo. Muriko muragerageza kuvuga ikintu Mpwemuatăvuze? Canke mufata ico Yavuze ukwo kiri, maze mugifata ukwo nyene? Mbega,uraterateranya, ugakata, ukabura amajwi, kugira ukore ikibi? Mbega ivyowarabikoze?

Uravuga uti: "Erega, siniyumva yuko ntegerezwagukora ibi. Eka, kumbure, nda -nda -ndazi ishengero ryanje ntirivyizera. 'Ivyo ni ivy'umuntu umwe aRivugako.'"

Uwo Muntu Umwe ni Imana. Hano Bibiliya ivuga yukomutategerezwa kumwa imishatsi yanyu. Ibi… Bibiliya yarabivuze. "Hazogera igiheabagore bazokwambara impuzu nk'abagabo, be n'ukuntu bobaye ari ibizira kuMana." Ingene Mpwemu Yera Yavugiye muri co, ico gikoresho giciye bugufi,kitabereye cigeze kuba gihari ca gihe wa Mwami Ahambaye yavuga ati: "Ng'uruRuhafu rwanje, Ijambo ryaNje." Nakwo: "Ng'Iyi nkoni yanje y'Ubwami." "FataInkoni yaNje y'Ubwami, hanyuma ugende, utware Ubutumwa."

103 Ndazi yuko amadini agerageza kuBuhagarika, nokuBushiburira hanze, n'ibindi. Yamara, kubw'umuntu bw'Imana, ndi mu nzira,nsemerera mva mu gihugu nja mu kindi, mva aha nja hariya, mva mw'ishengerorimwe nja mu rindi mvuga nti: "Ni muve mur'ivyo bintu!" Si ivya rurangiranwa,ari ni Ukuri.

Mbega muziRyakira mu - muri Mpwemu ryanditswemwo? Mbegamuzoryakira muri Mpwemu yaritanganywe? Nimba mutaragira…Nta kibanza dufise kugicaniro; imitima yanyu ni igicaniro. Woshobora kuzamura ikiganza, uvuge uti:"Mana, ngirira imbabazi. Reka Mpwmu w'Imana anyinjiremwo, acirekw'iteka ivyahavyanje vyose, n'imibabaro, za ngeso zanje zose mbi, na vya bishavushavu, gutebura,imishamirano, gushavurashavura, na bimwe vyose nahoranye. Kandi hari ikintunzi, n'uko umutima wanje utiyoroheje kubw'Ijuru. Ngira uwiyoroheje Mwami, murikano kanya kanyuma. Ubu bushobora kuba ari ubutumwa bwa nyuma nzoba numvise. Ikigishobora kuba ari igihe ca nyuma c'aho nzoba numvise ubu Butumwa.

Ndakirijeikiganza canje. Mana, ngirira imbabazi."

Imana Ibahezagire. Ibiganza cumin a bibiri. Ubu rero, kubw'akanya k'isengeshory'agacerere kubwanyu. Mwebwe mwakirije ibiganza, vyerekana yuko bigifise icobibabwiye. Kuri jewe bisa nk'aho Mpwemu akiriko arahamagara umuntu kanaka.

104 Mana Mukundwa, ni Wewe Uzi vyose. Kandi Waremye ibintuvyose kubw'impamvu ya vyose, kuko, bamwe bǎtegerejwe gucirwakw'iteka,abandi bǎtegerejwe guhumishwa; bamwe, "nka wa mubumvyi yabumvye urwavya," nk'ukoPaulo yabivuze, "rumwe rw'ivy'icubahiro, urundi rw'ibitey'isoni." Umwe yaremewekutubaha, uwundi na we aremerwa kwerekana yuko ivyo biterezwa kwubahwa. Mbegantibiri mu biganza vy'Umubumvyi gukora ico Ashatse? Mbera guhamagara, ntibirimu mugambi w'Imana wategekanijwe kuva kera? "Abo Yamenye kera, Yarabahamagaye. AboYahamagaye, Yarabatsindanishirije. Abo Yatsindanishirije, Yarabahawe ubwiza."

Kumbure bamwe muri bo hano uyu munsi nka wa mugorekw'iriba, bugaraniwe mu vyanduza, bugaraniwe mu kutizera, bugaraniwe mu migenzoy'umuntu, inyigisho zahimbwe n'umuntu. Kumbure ko ar'ubwa mbere bumva ibi bintu,hanyuma hakaba har'ikintu caburiye imitima yabo mu buryo butangaje. Harihoibiganza vyinshi, vyinshi vyakirijwe, Mwami. Reka Wa Mubumvyi Ahambaye afateurwo rwavya kano kanya arububumberwo urwavya rw'ivy'icubahiro. Ndizeye harihoimpamvu kanaka, Mwami, kubera ntibategerezwa kuba bariko bakora ivyo, ntibategerezwakuba bariko bavuga ivyo. Nguma bizeye, ndumiyeko kubwabo.

105 Reka umusavyi waWe aciye bugufi abavugire, Mwami. Rekatubavugire, nk'umuntu ari hagati y'ugupfa n'ukubaho; nk'umwe muri Sodomu yarikoavugira Abanyasodomu: "Nimusohoke muve mur'ivyo bintu! Nimubivemwo ningoga!"

106 Reka baze Mwami, baciye bugufi kandi biyoroheje mumitima yabo ku ntebe y'ubwami y'Imana kano kanya, bavuga bati: "Yesu, uhereyeuyu munsi, kuv'ubu, Uzoba Uwanje. Ndaguhaye rino sezerano kano kanya, nk'uko narihano mur'iyi ntebe aho Mpwemu Yera yampwikiriye. Nimba aha ari ho Yampwikiriye,si ngombwa yuko nja ahandi Atari ng'aha. Aha nyene ni ho Wahuriye nanje; aha nyeneni ho tugiye kubirangiriza; aha nyene kur'iyi ntebe igira kabiri, ku ntebeigira gatatu, ku ntebe igira gatanu, iyo ari yo yose. Aha nyene ni ho bigeye kurangirizwa,kubera aha nyene ni ho Wanciriyekw'iteka, aha nyene ni ho Wasezeranijekubigenza neza. Kubera n'ubwo noba ndi mubi nanduye cane, nzogirwa uwerank'inuma. Nzokwizera Ijambo ryaWe ryose. Nditeguye kurigenderamwo, ndaryizere,ndaryemere.

"Kandi kano kanya ibi ndabikoze kubw'ubwiza bw'Imana, nziyuko ubuzima bwanje butabereye kuri jewe, ntibubereye no ku Mana, ntibubereyeku babanyi banje, ntibubereye no ku wundi wese; bubereye ku murwanizi wenyene,kugira angire i - igikoresho, kugira anjuragize irya n'ino, kumbure kubaigikinisho umuntu yirabira, kumbure ikigirwamana c'umugore. Mana, ngiraumusavyi waWe." Biduhe Mwami. Kano kanya ndabaKuragije, mw'Izina rya YesuKristo, Umwana waWe.

Tucunamitse imitwe yacu n'imitima yacu.

Ndashobora kwumva Umukiza…

Bimwe vy'imvamutima mugenzi, ushobora kuba ari umwanyawawe wa nyuma. Urashobora kwumva iryo Jwi ritoya?

…ahamagara,

Ndashobora…

Niigiki ahamagaza…Ni igiki kiriko kiraguhamagara, nimba ari Umukiza? Ijambo.

…Umukizaahamagara,

Utegerezwagukor'iki? Guhakana Ijambo?

Ngo mfate umusaraba hanyuma nkurikire,

Nkurikire…

"Narafashe minenerwe umubatizo mw'Izina rya Yesu,Mwami."

Nzojana na We mu nzira,

Nzogenda…

Uzojana na We hehe? Mu mazi, mw'itongo, aho ari hohose; inzu y'amasengesho, mu kidengeri, aho ari ho hose. Fata umwanzuro!

…nzojana na We mu murima,

Nzojana na We mu nzira yose.

Nzojana na We mu rubanza (kimwe Ijambo ni ryo kuricanke ishengero ni ryo riri mu kuri),

Nzo…

“Kimwe,ni je ndi mu kuri, cibure ni We ari mu kuri. Mbega gatimanama kanje ni ko karimu kuri canke Ijambo ryiwe ni ryo riri mu kuri?” Mur'aka kanya muri mu kibanzac'urubanza. “Mbega ivyo nizeye ni vyo vyo canke Ijambo ryiWe ni ryo kuri? Mbeganibaza yuko ataco bitwaye kugira imishatsi migufi, kwambara amabutura? Mbeganibaza kw'ataco bitwaye kuba uw'idini?” Yavuze iki?

Nzojana na We mu nzira yose.

Aho azondongorera nzojayo,

Nanje nakirije ikiganza canje Mwami. Mwami, aho ari hohose, Ubutumwa bukurikira bwo kwigisha buri hehe? Kw'uyu mugoroba ni hano,hariya muri Afrika, mu Budagi, Zwitzerland? Ni he ga Mwami?

Aho azo…(Aho Urongorera hose, Mwami)…ndongorera hosenzokurikira,

Nzojana na We, njane na We mu nzira yose.

Kano kanya imitwa yanyu icunamitswe.

107 Muzojana na We aho azobarongorera hose? Muzojana na We mu gihe igihekiriko kirarangira, abantu bariko barabahama, babacokora, babatwenga? “Nzogumanana We. Nzokomeza mbandanya. Nzoguma mbandanyana na We, Mwami, aho Uri hose. Nzogumandi umunyakuri kandi w'umwizigirwa. Urugamba nirwashuha, nzoguma ndi umwizigirwakandi w'umunyakuri. Ninagwa, Uzokwongera umvyure, Mwami. 'Uwuzoheba ubugingobwiwe kubwaNje azoburokora.'”

Rero nzojana na We, na We nzira yose…

Kano kanya, abashimitse vy'ukuri mu mitima yabo, ni muzetuMuzamurire ibiganza vyacu n'imitima yacu kano kanya.

Je…ahoAzôndôngōrera hose nzokurikira,

AhoAzôndôngōrera hose nzokurikira,

AhoAzôndôngōrera hose nzokurikira,

Nzojana na We, na We mu nzira yose.

Azompa Ubuntu n'ubwiza,

Azompa…

Mwami Yesu, Humekera kur'iyi mishwaro kano kanya. Kiza abarwayen'abababaye, Mwami. Biduhe, Mwami. Bahe ugukira, Mwami, mw'Izina rya Yesu.

Kandiujane nanje, ujane nanje mu nzira yose.

108 Mwiyumvaneza kano kanya? [Ikoraniro rivuze riti: “Ame.” -Umw.] Mwumva vyose vyatunganyekano kanya? [“Amen.”] Niya…

Inzambay'Umwami izovuga,

Kandinta gihe kizoba kigisigaye, (iyo ni ya Nzamba ya nyuma, rero)

Igiheigitondo gihoraho kizotamanzura, c'umuco kandi c'akaroruhore.

Twese tuyiririmbe kano kanya. “Inzamba y'Umwami ni yavuga.” Duge game.

Inzamba y'Umwami ni yavuga,

Kandi nta gihe kizoba kigisigaye

Igitondo gihoraho kizotamanzura, c'umuco kandi c'akaroruhore;

Igihe abakijijwe bazokoranira hakurya y'uruzi,

Inzamba ni yahamagara hiyo hejuru, nanje nzoba ndahari.

Kuri ca gitondo c'umuco kitagira ibipfungu Aho abapfiriye muri Kristobazova mu mva,

Maze ubwiza bw'izuka bugakwiragira,

Igihe ivy'ubu bugingo vyose bizoba birangiye,

Igikorwa cacu kw'isi kikarangira,

Inzamba ni yahamagara hiyo hejuru,

Nzoba ndahari.

Inzamba ni yahamagara hiyo hejuru,

Inzamba ni yahamagara hiyo hejuru,

Inzamba ni yahamagara hiyo hejuru,

Inzamba ni yahamagara hiyo hejuru,

Nzoba ndahari.

109 Tuzamure ibiganza vyacu, tuvuge duti: "Kubw'ubuntu bw'Umwami."Kubw'ubuntu bwaWe, Mwami! [Ikoraniro rivuze riti: "Kubw'ubuntu bwaWe, Mwami."-Umw.]

Kano kanya, turi bene Data na bashiki bacu muri Kristo. Hindukirahanyuma uramukanye n'uwuri iruhande yawe, umubwire uti: "Kubw'ubufashabw'Imana, inzamba ni yahamagara hiyo hejuru!"

Inzamba ni yahamagara hiyo hejuru,

Inzamba ni yahamagara hiyo hejuru,

Inzamba ni yahamagara hiyo hejuru,

Inzamba ni yahamagara hiyo hejuru,

Nzoba ndahari.

Turindiriye iki?

Inzamba (imwe ya nyuma)…y'Umwami ni yavuga,

Kandi nta gihe kizoba kigisigaye…

(Kizoba cashwanyagurikiye mu Bihe Bisashira: "Mu kanya ko gukubitaurugohe.")…c'akaroruhore;

Igihe abakijijwe bazokoranira hakurya y'uruzi,

Inzamba ni yahamagara hiyo hejuru, nanje nzoba ndahari.

Ni muze ntiyiririmbe!

Inzamba ni yahamagara hiyo hejuru,

Inzamba ni yahamagara hiyo hejuru,

Inzamba ni yahamagara hiyo hejuru,

Inzamba ni yahamagara hiyo hejuru,

Nzoba ndahari.

110 Ôo, mbega kizoba ari igihe nyabaki! Umuns'umwe, ndiko ndatembera, umuntukanaka ace aseruka. "Uyu ni nde? Mawe!" Amen! "Ntibizoteba." Mu minota mikeyagusa, muzoba muhinduwe. Niho tuzoca tuba…tuzoca tubonana nabo, hanyuma tuceduteruranwa nabo gusanganira Umwami mu birere. Ôo, mu kanya isase, nko gukubitaurugohe. Muzovuga muti: "Ehe mwene Data Seward, wa mwene Data w'umutama yahoraaza kw'ishengero! Ehe n'ukuri ndabira mwene DeArk. Ehe mwene Data naka… Eheyemwe ndabira baruzuye hirya no hino yanje! Ni ibiki? Raba mu minota mikeyagusa…ndazi yuko bambonekeye, ni ukuri. Ntibigitevye. Ngira mpndurwe mu kanyagato, mu kanya gusa." Ôo, egome! Ni ho igitondo gihoraho kizotamanzura,gikayanganishwa n'ubwiza. Ibipfungu bidatahuritse…

111 Nka kumwe Yavuga Iti: "Isirayeli, wabaye nk'igicu co mu gatondo, umwotsiutumuka, none ukugororoka kwawe kurakabiranye." Rero igihe vyose bizoshongeramu Muco w'Umwana We afise mu minwe ivyo vyose, amen, niho "Inzamba izohamagarahiyo hejuru, nzoba ndahari." Neza cane.

Turasubira ku mugoroba:

Kugez'aho tuzobonana!

Ntituzi igihe ivyo bizoshikira, bagenzi. Vyaramaze kuba inkuru, bimazeigihe kirekire, yamara ni Ukuri, kandi bizoshika. Turi muri ico gihe neza naneza kano kanya.

Ku - kugez'aho tuzobo…

Kubw'ubuntu bw'Imana, turizigiye, isaha imwe n'inusu kw'uyu mugoroba.

Imana Ibane namwe kugez'aho tuzongera kubonana.

Duhaguruke kano kanya.

112 Ôo,mbega si vyiza cane? "Aho n'ahantu ho mw'Ijuru muri Kristo Yesu." Ivyosinobikaba n'ikindi kintu na kimwe. Murazi ukuntu nkunda kuroba no guhiga, kuberahariya mu mashamba mbonayo Imana. Ndabikunda. Yamara, ôo, sinohindura n'umunotaumwe w'ibi, ku bintu vyose vy'imyaka amajana. Umunota umwe wavyo urahagije!

Mana, ndemamwo ikanguro. Reka mbe ikanguro. Reka umwe wese muritwebwe abe ikanguro, ikanguro muri jewe. Ni utume Mwami ngira inzara n'inyota. Ndemamwo,Mwami, ico kintu gikenewe muri jewe. Reka, uhereye iyi saha mbe uwaWe; umusavyiyishikanye birushirije, umusavyi mwiza kurusha, uwuhezagiwe na We birushirije; uwushoboyebirushirije, uwuciye bugufi birushirije, mwiza birushirije, uwufise ingongo zogukora birushirije; ndushirize kuba uwuhanga amaso ibigenda neza, nibagire ivyakahise vyagenze nabi. Reka nsiganirwe kugera ku mpera y'umuhamagaro wo kujamw'Ijuru wa Kristo. Amen.

Ico ni co cipfuzo cacu, siko? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." -Umw.]

Vyiza cane, reka, tuze kubonana ku mugoroba, tujane n'Izina rya Yesukano kanya, umwe wese muri mwebwe kano kanya.

Genda- genda mujanye Izina rya Yesu,

Yemwe bana mubabaye kandi munaniwe,

Rizobatera umunezero ryongere ribakomeze,

Nimurijane aho muja hose.

Izina ry'igiciro, Ôo ukuntu riryoshe!

Ivyizigiro vy'isi n'umunezero wo mw'Ijuru;

Izina ry'igiciro, Ôo ukuntu riryoshe!

Ivyizigiro vy'isi n'umunezero wo mw'Ijuru.

Kano kanya twunamike imitwe yacu.

Nujane Izina rya Yesu,

Nk'inkinzo mu mitego yose;

Ibigeragezo nivyagukoranirako…

MESSAGE hub online

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7

www.messagehub.info